# Isi Iriko Irongera Gushwanyagurika

Shreveport, Louisiana USA

27 Munyonyo 1963

1 Amen.Umwami abahezagire. Murashobora kwicara. Ni ukuri ni vyiza, kugaruka kuri uyu mugorobakandi nkabumva mushimagiza Umwami, no kugaruka imuhira nkababona mwese.Narindiriye iki gihe kuva ku munsi w'Amashimwe ubushize, igihe narindi hano,kongera kugaruka kw'ishengero ryanje kandi. [Ikoraniro rivuze riti: “Amen.” -Umw.]Sinzi aho yagiye. Nguriya. Ndiko ndibaza nimba akivuga amen kuri ivyo, murabizi.[MwenedataMoore avuze « Amen. »] Birashimishije kuba ndi aha. Kandi narindabirindiriye cane, nk'uko nabivuze, kuva ku Munsi w'Amashimwe w'ubushize.

2 Niho tukiva mu gisagara ca New York City, aho twagize ibikorane vyiza. Imanayahaduhezagiye cane. Kandi twari kuri Morris Auditorium, hari huzuye abantu, nomu mabarabara bariyo. Abantu bari bahagaze hanze, barindiriye. Iyo umuntu azakwinjira, nibura umuntu yari aje kuraba, yari kuvyibazako. Abantu, baja ku rusengero,hakavugwa ikintu kitabashimishije, bagahaguruka bagasohoka. Kandi, bari hanzehariya, batora umuntu ari bwicare mu kibanza c'uwusohotse. Buri mugoroba,naraza, hafi aho y'inzu, abantu baba buzuye aho no mu mw'ibarabara. Rero, Imanayaraduhezagiye kandi yarakijije abantu, kandi no gukira indwara zikomeye vyarabaye.

Kandi rero, mu kavunamusase n'Abikorera utwabo, twagiranye ibihe vyiza, baribagurishije amatike yo kurya. Nibaza ko bahaye amatike abantu benshi bataribafise uburyo bwo kuyagura. Rero, mu mayira hari huzuye, mu vyumba, mu miryangon'ahantu hose. Kandi twagize ibihe vyiza. Hari umupadiri w'Umwepisikopariyanon'abandi benshi, ariko Imana yaduhaye imigisha myinshi.

3 Rero, twaciye duhagarara muhira, iwanje handi, i Jeffersonville. Ariko, iy'imyakaibiri ishize, nsigaye mba i Tuscon, Arizona, nkuko mubizi.

Kandi rero, ndi ku nzira ija i muhira nja i Tuscon, kubw'akavunamusase n'Abikorerautwabo kazoba mu ndwi iza i Phoenix. Hariya, inyuma y'itariki ya mberey'umwaka, tuzotangura ibikorane, hariya imbere gato y'ibikorane mpuzamakungu,canke bisanzwe vy'Abikorera utwabo, hariya kuri hoteli ya -ya Ramada.

Kandi birashimishije kuba hano mu -mu -muri iki gisagara ciiza ca Shreveport, kuri uyumugoroba.

4 Mu vy'ukuri, mvuga umwanya murekire. Ariko ndi bugerageze kugabanya amasaha kuburyo biba nk'amasaha atatu canke ane, ubu. Kandi ndabizi ko ndabaruhisha,ariko murabona, niho mba ndababoneye. Abenshi baritaba Imana imbere yuko mba… barajamu Bwiza imbere yuko nongera kubabona. Ariko, ndibaza : « ariko, iki nico gihetugiye kubonana ubwa nyuma imbere yo gufata indege. » Kandi benshi baragiye,kuva kiriya gihe, umwaka ushize. Kandi nimba Umwami atebaganye kuza kandiakatwemerera kugaruka hano umwaka utaha canke ikindi gihe, hazoba hari benshimuri twebwe turi hano, kumbure na jewe ubwanje batashe. Ntituzi igihe twohamagarwa.Kandi murabizi Imana irashobora kuza kuri uyu mugoroba imbere yuko ikoraniro rirangira.

5 Muvy'ukuri, uko mwese munzi, sindi imvuzi, si ndi n'umuvugabutumwa. Nda -ndakundaImana gusa kandi nkakora uko nshoboye kubw'icubahiro cayo. Iyo mpagaze hanokuri iki gicaniro, nziko neza ko umugabo nka Mwene Data Moore n'abandi bagabobakomeye bahahagaze, numva nta—ntari mu kibanza canje ; ariko sivyo nshaka kuvuga. Ariko, nshaka kuvugaindimburo yanje canke n'ibindi, numva yuko iyaba abantu batankunda, boca bahagurukabagasohoka mu gihe nje ku gicaniro. Ariko, baranyihanganira gusa ; ndabibashimira.

6 Buri gihe nza mfise n'i—n'iyo ntego. Nsinza hano kugira ngo bambone; iyaba ari uko, nobagendera muhira, murabona. Nza hanokugira ngo nkore uko nshoboye kubw'Umwami Yesu Kristo, mu gihe mba ndi hano. Sindi hano kubw'iy'indi mpamvu itari iyo kumukorera, kandi ndabazanira Ijambo nk'ukomba narihawe, gusengera abarwaye n'abababaye. Muvy'ukuri tuzogira imigorobaibiri ;twe na mwene Data, tuzokorana dusengere abarwaye.

7 Rero, buri mugoroba, turifuza ko uwo arti we wese atari Umukristo, twizera kohari ikiza kuvugwa canke gukorwa, kizotuma muba Abakristo. Nimba utari we, nimbamwarigeze mwizera Umwami Yesu Kristo, kandi mukaba mwaramwemeye, kandi mukabamwarabatijwe ariko mutararonka Mpwemu Yera, ntureke ibi ngo birengane. Uwumugoroba ube uwawe. Muvy'ukuri, mwibuke, hazoba harimwo amazina menshi murikirya Gitabo. Igihe izina rya nyuma rizoshikirwa, bizoba ari vyo. Kandi wosangaari iryawe rishobora kuzuzuza ico Gitabo.

Igihe Umwagazi w' intama yaza, Agafata Igitabo mu kuboko kw'iburyo c'Ivyagiyekuri ya Ntebe, cari Igitabo c'incungu, kandi ayo mazina yanditswe imbere yukoamatanguriro y'isi ashirwaho. Igihe izina rya nyuma ryahamagarwa, Igitabo,umugambi, n'ibindi vyose vyaciye bihishurwa, ya Mashashara Ndwi yaruguruwen'Umwagazi w'intama. Amabanga yose ya Bibiliya yari anyegejwemwo. Iyo tuza kubadufise umwanya, nari nipfuza ku…

8 Duheruka kubona ayo Mashashara Ndwi, vuba. Nipfuza kubisubiramwo. Mbega ukuntuUmwami yaduhezagiye! Benshi muri mwebwe baravyumvise, barasomye mu kinyamakuru Life, kandi n'ibindi

vyabaye muri icogihe. Igihe bafata ifoto, n'iy'Abamalayika ndwi, nk'uko vyari vyavuzwe, kotuzoja mu Burengero… Yari yarambwiye, amezi atatu imbere, aho bizobera n'ukonzovyifatamwo, kandi vyari vyo. Kandi na -n'ivyuma bifotora, oh ! Ku bilometeroamajana, bahafatiye amafoto, aho nyene. Ivyo vyari vyaravuzwe ! Ntakwihenda.Kandi nimba narigeze kwigisha ikintu gihumekewe, ni ayo Mashashara Ndwi. Birtyorero, ndazi ko turi mu bihe vya nyuma.

9 Igihe izina rya nyuma rizoba ryanditswe muri ico Gitabo, canke izina rya nyumarizoba ricunguwe, rizoba ryanditse muri ico Gitabo, bizoba birangiye, Azozakwishuza abo Azoba yaracunguye. Kandi birashobora kuba bizoba ari ibihebidasanzwe. Mwarigeze muvyibazako: Abantu bazobandanya bigishe, ishengerorizoguma ryibwira ko abantu babandanya gukizwa. Bizoba vyararangiye, vyosebizoba vyarangiye, murabona, Ubutumwa buzoja ku bazimiye, nk'uko vyabaye mugihe ca Nowa, iminsi indwi mu bwato. Ni navyo vyabaye mu gihe ca Sodomu. Yesuwe ubwiwe, ica -ica gatatu c'igikorwa ciwe, yagiye kwigisha imishaha yari yaratakayeibihe vyose, yari mw'ibohero, itigeze yihana mu gihe co kwihangana, mu gihe caNowa. Ntituzi igihe ivyo bishobora kuza.

Tube ababuriwe. Ntitugume gusa aho, tugire ico dukora kuri ico kintu. Nimba tudatunganiyeImana, reka twikiranure n'Imana.

10 Igihe kimwe, ndibaza, ku gice ca 11 muri Matayo, ku murongo wa 6 canke ibindink'ivyo, sinzi neza ko ari aho. Ni igice ca 11 ; kandi aho ndabizi neza. Igihe kimwe Yohana yarungitseabigishwa biwe kuja kuraba Umwami Yesu, bagiye kumubaza nimba ari We canke nimbababategerezwa kwitega uwundi. Aravuga ati : « 'Mugende mubwire Yohana ibirikobiraba'. Mumubwire muti : 'Hahirwa uwo ivyanje bidatsitaza !' »

Rero, mu gihe barengera ku musozi, birashoboka ko Yesu yabitegereje, arababazaati : « Ni iki mwagiye kuraba ? » Arababaza ati : « Mwagiye kuraba umuntuyambaye impuzu z'inyambarabami ? » Aravuga ati : « Abo baba mu birimbavy'abami. Irenga rihungabanywa n'umuyaga ? » Aravuga ati : « Ndabibabwiye, arengeyeumuvugishwa. Nimba mushobora kuvyemera, ni we umuntu avugishwa n'Imana yavuga,Malaki 3, avuga ati : « Ehe ngira ntume integuza imbere yanje izonyitangiraimbere. »

11 Abigishwa barabajije iki kibazo. Barabaza bati : « None ni kuki abanditsibavuga ko, abanyabwenge b'Ivyanditswe, bavuga ko Eliya akwiye kubanza kuza imbereyuko… ivyo bintu vyose bishika? » Rero, mwibuke, yabwira abigishwa, atariAbafarisayo. Abigishwa, barabajije bati : « Kubera iki abanditsi bavuga ko 'Eliyaategerezwa kubanza kuza? »

Yavuze ati : « Eliya yaramaze kuza, bamufashe nk'uko bashaka, kandi ntimwigezemumumenya. »

Vyogenda bite, umunsi umwe mwisanze muri mu gihe co c'imibabaro canke ikindink'ico , maze mukabaza muti : « Muvy'ukuri, nibaza ko izamurwa rizobanza kuba ?» Murabona ? Ijwi rimwe riza kwishura riti : « Izamurwa ryaramaze kuba, arikontimwabimenye. » «

Ivyabayeho mu gihe ca Nowa, aho imishaha umunani yarokowe n'amazi, hazobaho nkavyo, mu kuza kw'Umwana w'umuntu», aho imishaha umunani yarokowe n'amazi, bizomerank'uko mu kugaruka kw'Umwana w'umuntu. » Abantu babandanya kuja imbere, bibazako bariko barakora vyiza, kandi vyose bizorangira. Oh Mana, tugirire imbabazi !Dushobore gusuzuma ubu, muri iyi migoroba, kugira ngo tumenye aho turi.

Twongere twunamike imitwe.

12 Mwami Yesu, nk'uko mfise ibi bintu mu vyiyumviro, ivyo vyeretswe iri shengero,vyerekwa bariya bantu. Oh Mana, ndagusavye ngo ukize buri bugingo i Shreveport,bwanditswe muri ca Gitabo. Nimba hano hari abatakijijwe, Data iki kibe igihe cogukizwa. Nimba hari abari mw'ikoraniro kuri uyu mugoroba, reka uyu mugorobaubabere uwabo.

Hezagira mwene Data Moore, na mushiki wacu Moore, n'umuryango wabo, n'abanababo n'abuzukuru babo. Oh Mana, turagushimira kubera bo mwene Data Lyle, MweneData Brown kandi n'abandi be -bene Data bari hano mu rusengerero, Mwene DataDon, n'iki gikundi c'abantu b'intwari, abanywanyi bose bari hano, n'Abakristo,turagushimiye kubwabo.

13 Kandi turasenze, Data wa twese, ko uku gukorana kwacu kuri uyu munsiw'Amashimwe… Uyu ushobora kuba ari Umusi w'Amashimwe wa nyuma aho tutazongeraguhura kuri iy'isi, aho ; oh Mana, dufashe dukuremwo inyungu kandi dushoboregucungura umwanya. Kandi turabizi ko ata -ata gihe gisigaye, twifuza gukoraibishoboka, mu bushobozi bwacu bwose, kugira ngo du -duheze igikorwa c'Umwami Yesu imbere yo kuza Kwiwe.Sinzi igituma, ndibaza ko Arindiriye ko turangiza igikorwa. Rero ngwinoudufashe, Mana, kuri uwu mugoroba, nk'umuntu, umwe wese, yumve ko bimurabakugira ngo tuje mu mabarabara canke mu babanyi, kugira ngo tu -tugarure abazimiye,kugira ngo barokorwe.

Hezagira Ijambo ryawe. Ijambo ryawe ni Ukuri , Mana, Ukuri kose. Turasenze, mugihe turi gushiramwo inguvu zo kumanyurira aba bantu Umutsima w'Ubugingo,Ukuri, Mpwemu Yera uze, kubera umubiri wakomerekeye hariya i Kaluvariyo, ahoicaha cawukomerekeje, kandi ukongera kwigabanganya muri

twebwe, igihe c'irisangira kw'Ijambo. Kuko tubisavye mw' Izina rya Yesu Kristo. Amen.

14 Rero, nimba mubishaka, ndashaka ko mufata… benshi muri mwebwe mukunda kwandikaimirongo y'umukozi w'Imana, umuvugabutumwa asoma. Nshaka gusoma umurongo kuriuyu mugoroba mu Gusubira mu Vyagezwe igice ca 4, kuva ku murongo w'7 kugeza kumurongo wa 14. Hanyuma, Icete c'Abaheburayo, igice ca 14, umurongo wa 25 kugezaku murongo wa 29, Gusubira mu Vyagezwe 4.

Mbega hari ihanga rihambaye, rifite imana iri hafiyaryo nk'uk'Uhoraho Imana yacu iaba hafi yacu, iyo tumwambaje?

Canke hari ihanga rihambaye rifise amabwirizwan'amateka ashinzwe aroranye, nk'ukw'ibi vyagezwe vyose biri, nshize imbereyanyu uyu musi?

Ariko kimwe gusa mwiyubare, mugire umwete wo kwirindamu mitima, mwoye kwibagira ivyo amaso yanyu yiboneye, vyoye kuva mu mitimayanyu imisi yose muzoba mukiriho; ariko muze mubimenyeshe abana banyun'abuzukuru banyu.

Kandi ntimwibagire wa musi mwari muhagaze imberey'Uhoraho Imana yanyu kuri Horebu, igihe Uhoraho yambarira, ati Nkoranirizaabantu, mbacurire amajambo, kugira ngo bige kunyubaha imisi yose bazomarabakiriho mw'isi, bavyigishe n'abana babo,

Namwe mukaza, mugahagarara musi yaw a musozi, wariko urakaumuriro w'imbeya zishika mw'ijuru, wubikijeko umwiza n'igicu c'igipfungun'umuzimagiza,

Uhoraho yavugiye muri uwo muriro ababarira, namwemwumva ijwi rivuga, ariko ntimwagira ishusho yiwe mubona, mwumvise ijwi gusaYabategetse kubahiriza amategeko cumi ; kandi Ayandika ku bisate bibiri by'amabuye.

Abamenyesha isezerano ryiwe, ababarira ngo murishitseni vyo vya vyagezwe cumi, avyandika ku bisate vy'amabuye bibiri.

Nanje ico gihe Uhoraho ambarira kubigisha amabwirizwan'amateka ashinzwe kugira ngo muze muvyitondere mushitse mu gihugu mugiyekujabukiramwo ngo mucegukire.

15 Ubu rero, mu Baheburayo, igice ca 14, guhera ku murongo wa 25.

Mwirinde ntimwake kwumva iyiriko iravuga. Ba bandi kobatakize, hamwe banka uwababuririye mw'isi, twebwe tuzorushiriza cane kudakiranamba dutera ibitugu iyituburira iri mw'Ijuru:

Ijwi ryayo ryanyigangije isi ico gihe: ariko nonehoirasezeranye, iti hasigaye rimwe, ngatigitisha, s'isi gusa, ariko n'Ijurunaryo.

Iryo jambo, ngo Hasigaye rimwe, ryerekana gukurwahokw'ibinyiganyizwa, kukw'ari ivyaremwe, kugira ngo ibitoshobora kunyiganyizwabigumeho. Aho…

Nico gituma, kuko twakira ubwami budashoborakunyiganyizwa, dukwiye gukenguruka, kugira ngo tubone ingene dukorera Imanatuyihimbaye, tuyubaha tuyitinya:

Kukw'Imana yacu ari umuriro utongora.

16 Rero, mfise inyandiko n'imirongo imwe y'Ivyanditswe, nshaka kurabirako igihec'iminota mike nk'uko nshaka kubiha umutwe utangaje. Kandi, amabande arabonekaigihe cose umuntu ayakeneye. Umushingantahe Maguire ari hano a -azobaha ivyo bintu. Kandi nshaka gufata ico canditswe,nako gukura muri ico cyanditswe, umutwe ukurikira : Isi Iriko Irongera Gushwanyagurika.

17 Ejo ndiko ndaza, tuza, nako ni ejobundi, twaciye Memphis, muri Tennessee,twashitseyo dutevye inyuma ya sa sita, canke nimugoroba. Abana n'abantu bakuzebari buzuye mu mabarabara, vyari biruhije kujabukiranya amabarabara. Nca ndibazanti, « Habaye iki ? » Abantu ntibari bambaye nk'abari mu bikorane vy'ivugabutumwa,ahari nk'ivya mwene Data Billy Graham canke Oral Roberts. Uko biri kose, sinibazako abo bompi boba bari muri ako gace muri ico gihe. Abagore bari bambayeamapatalo, abana babazungurutse, bambaye amasarubeti, n'ibindi, n'isarubeti zo hejuru.Niho nibaza icabaye ; ariko mu nyuma twarabimenye. Bari bagize ibirori vya Papa Noheri. Hariibihumbi vyinshi vyari biri aho, baraba aho mu mabarabara. Twagize ibihe bibimuguca muri Memphis, kuko bwaca ari Noheli.

18 Noheli ni umunsi mukuru w'ubucuruzi ku buryo wataye ishusho yawo y'umunsiw'Amashimwe. Muvy'ukuri, mw'isi y'ubucuruzi, uko biri kose, umunsi w'ubucuruziukwega cane ni Noheli, nk'uko abantu benshi basuma. Bakirengagiza umunsiw'Amashimwe. Kandi tubona nk'uko twegereje kandi Noheli, nibwiye ko vyoba vyizako tubivugako, mu gihe tuyegereje. Nk'uko, muvy'ukuri, Noheli, si…

19 Duhimbaza isabukuru y'amavuko ya Kristo itariki 25 z'ukwa cumu na kabiri,ariko, abantu bose barazi ko atari isabukuru yo kwibuka umunsi Kristo yavukiyeko.Yari isabukuru y'amavuko y'ikigirwamana zuba

c'Abaroma, igihe ishengero ryahinduka,canke umunsi ryahindutse ishengero Katolika, ivyo vyakorewe muri ya Nama Nkuruy'i Nikeya. Aho vyobaye umunsi wo kwibuka ikigirwamana zuba, bawugize isabukuruy'amavuko y'Umwana w'Imana. Ni muri ico gihe izuba, riba riri… uhereye itariki21 kugeza 25 Kigarama, sinibuka uko vyitwa. Niho rimara isegonda rimwe cankeabiri iyo riciye muri urwo rwego. Wari umunsi bibukagako kuvuka kw'ikigirwamanazuba, baca babisubiriza Umwana w'Imana maze bawugira umunsi wo kwibuka ivukaryiwe, kugira ngo ivyo bihure n'imigenzo yabo ya gipagani. Muvy'ukuri, siwo munsiw'amavuko ya Kristo, habe na gato.

20 Ntiyashobora kuvuka ico gihe ; muvy'ukuri, I Yudaya, ico gihe, baba bari mu gihe c'ubukonjebwinshi muri ayo matariki ya 25 Kigarama, haba hari umuyaga urimwo urubura,haba hakonje cane. Abungere ntibashobora kuba bari ku misozi ; hari impamvu nyinshi zerekana ko ivyo bintubidashoboka.

Gusa, Yavutse, dukurikije ivyaremwe, nk'ibindi biremwa vyose, Yavutse mu gihec'iremba. Mubisanzwe intama zivuka kw'iremba; Yavutse ari intama. Jewe nizera ku giti canje mukwezi kwa Ntwarante, Ndamukiza canke ahagana ng'aho, mu misi ya mbere y'iremba.

21 Ariko, turabona ko bawugize umunsi mukuru w'ubucuruzi. Amabarabara yuzuyeabantu bakubitana ibitugu, batongana bapfa ubusa, babazanya iyihe mpano bohaumuntu kanaka, angahe igurwa.

Umunsi umwe, narakangutse. Nari ndi ahantu, abagore babiri bavuga ku mpano yoguha se ku munsi mukuru wa Noheli y'uwo mwaka. Umwe aravuga ati, « Ndafiseilitiro rya wisiki », uwundi ati, « Namuguriye ikarato y'itabi », kimwe cangwaikindi muri vyo. Bariko baravuga ukuntu uwaguze wisiki yatanze menshi kurushauwaguze itabi.

Rero, naribajije nti, « Mbega, ntiwari kuba ari umwanya mwiza wo gushikanaikimazi mu rwego rwo kwibuka Yesu Kristo, Umwana w'Imana ! » Mbega ibintuvyapfuye !

22 Ndabona isi yacu muri ako kababaro irimwo ubu, yanduye ahantu hose, nta buryona bumwe isi yosubirana. Dukwiye kwitondera ivyo dukora vyose muri ino minsi.Kuko ubu dufise, muri uko kuniha, kimwe mu vyago bikomeye, kandi kimwe mubikomeye… Ntitwigeze twiyumvira ko ikintu nk'ico coshika muri Amerika, arikokirahari uko biri kose. Ni ukubera ugusamara twagize ku Butumwa Bwiza vyatumyeivyo bimungwa hamwe n'ayo mafuti yose kandi bizorushiriza kuba bibi. Nta gukekeranyana guto muri jewe ko ivyo bintu bizogenda birushiriza kuba bibi.

Ariko, turabona ko, iyi Noheli, kubwo kugaruka ku mutwe wacu, isanga abantubakiri uko bari bameze hashize imyaka ibihumbi bibiri, mu Kuza kwa Yesu. Ivyontivyahindutse kuva ico gihe. Muvy'ukuri, iriya Noheli, yasanze isi irikoirashwanyagurika, kandi yari yiteze Mesiya ngo ashobora kuyisanasana. Kandi nihafi co kimwe uno munsi, turiko turakora nka vya bindi nyene. Isi Iriko Irongera Gushwanyagurika.

23 Muvy'ukuri si hano gusa muri Amerika, ni mw' isi hose, aho woja hose, isi y'amadini,isi ya politike, vyose, indero y'isi. Ivyo… Ntabikibaho, ni vyo… Usanga indero mubantu beza, ntibakibaho, ni gake baboneka. Biteye isoni. Politike n'ibindivyarapfuye, kugera aho vyose, ari ibisebe binuka kandi vyaboze, kuva ku mutwekugeza ku birenge, isi yose. Amadini yacu, politike yacu, iivy'indero vyacu, vyararangiye! Nta buryo na bumwe bwotuma ivyo bintu bibaho. Vyarayirangiranye. Tugeze kw'iherezory'inzira. Ni uko biteye.

Twebwe, ndazi ko twabivuzeko kuva mbere, ariko muri ino minsi, ivyo bizoba vyarenzeurwego rw'ikintu kivugwa, bizoba ikintu c'akahise, tuzisanga hanze, nimbatutitondeye iki gihe.

24 Ndibaza nimba twebwe, kuri iyi Noheli, hamwe Imana yongeye ikamurungika nk'uko yamurungitseharashize imyaka ibihumbi bibiri, hamwe yomuturungikira muri 1964, ndibaza nimbatutomukorera nk'ivyo abandi bamukoreye. Ndibaza nimba Ukuza Kwiwe, nimba mw'isiya politike canke iy'iyo amadini Yokwakirwa neza kurusha uko yakiriwe kiriyagihe. Ndibaza nimba dushobora kumwakira kurusha uko Yakiriwe. Ariko, turazi kobamuhakanye kiriya gihe.

Twomugira dute Aje? Kumbure, isi y'iamadini, iyo ngira mvugeko, bomukorera ivyobamukoreye kiriya gihe. Bomubamba babishoboye, ku mpamvu zimwe bamubambiyekiriya gihe. Ntibahindutse.

25 Kuki bakoze ivyo? Kuki babamvye uwo basengera Ukuza Kwiwe kw'isi, kugira ngoAbakize, Abakure mu buja ? Babamvye icizere nyene bari bafise. Kuki? Kukibakoze ikintu nk'ico ? Ni ukubera ko, igihe Imana yishura isengesho ryabo, Yaryishuyemu buryo batari biteze. Aho Yaza,ntiyaje uko tewolojiya yabo yavyigishije.

Kandi Aramutse Agarutse ubu, Yoza nk'uko ; bitandukanye n'uko isi ibishaka canke tewolojiyay'amashengero, bitandukanye na tewolojiya kuri ivyo. Araje. Ni nk'abana b'Imana,mu gihe bahura n'ibibazo, barasenga, maze Imana ikabishura, kandi Ikabaha ibibafitiyeakamaro. Ariko, baravyanka kuko bitaba bije uko babishaka. Baranka Ijambory'Imana, kandi We ni Ijambo.

26 Muvy'ukuri, Imana mu bihe vyose, igihe cose, iyo Itanguye… « Kera, mu bihe vyinshino mu buryo

bwinshi, Imaze kuvugira mu bavugishwa nayo, Imana, muri ibi bihevya nyuma, Yavuganiye natwe mu kanwa k'Umwana Wayo, Yesu Kristo », turabona koburi buhanuzi bwategerezwa kujana n'igihe kanaka. Ni nk'umwami Nebukadineza, igiheyarota, isi y'Abanyamahanga, kuva ku mutwe kugera ku birenge, kandi Daniyeli yaratanzeinsobanuro z'izo ndoto ; zari ubuhanuzi bw'isi yose, ibihe vyose, buri gice c'ubwamibw'Abanyamahanga, uko kizogenda kuva ku mutwe kugeza ku birenge. Kandi abavugishwabagiye bavuga ubuvugishwa bwategerezwa gushika muri buri gihe. Kandi iyoImana…

27 Abantu baragwa mu bibazo, maze Imana ikabishura. Ibarunginkira umuvugishwa asizwecanke iyindi ntumwa, kuko Idashobora kwivuguruza kw'Ijambo yageneye ico gihe.Rero, ico Ikora, nuko irungika intwarabutumwa yo kugira ngo ishitse igicec'iryo Jambo ry'ico gihe. Igihe cose niko bigenda, murabona. Yashizeho Ijamboryayo kuva mw' itangiriro. Yumvikanishije Ijambo ryayo. Kandi, muri buri gihe,iyo baba bagize ibibazo, barashobora gusenga, maze Imana ikabarungikirauwusizwe. Kandi uwo asizwe yaca ashitsa iryo sezerano ry'ico gihe, isezeranoryaba ryarasezeranywe kubw'ico gihe. Kandi nivyo Ikora igihe cose. Imanantihindura umugambi wayo. Muvy'ukuri, ntituzigera tubona Imana ihindura.

28 Imana yabishizeho rimwe rizima, uko Izorokora umuntu, hari mw'itongo rya Edeni,kubw'amaraso yamenetse. Twarageragejе ubundi buryo bwose, kuva ku bibabivy'umusukoni kugera ku nyigisho, ubumenyi bw'ivyiyumviro vy'umuntu, imikorerey'amadini, n'ibindi, ariko ivyo vyose vyaranswe, kandi ivyo ntivyigeze bikora,ntibizigera bikora. Imana izohurira n'umuntu munsi y'Amaraso yamenywe gusa,kandi niho honyene Izohurira n'umuntu, kuko iyo niyo yabaye ingingo yayo yambere. Ntizigera Ihura n'umuntu mu myitwarire myiza. Ntanarimwe Izigera ibikora! Nimugaruke kw'Ijwi ry'Imana. Ni vyo Yari yaravuze mw'itangiriro. KandiNtigira iherezo, Ntishobora guhinduka, uko Yari Iri niko Izohora. Ni ahoIhurira n'umuntu honyene. Niyo mpamvu tutagira isangira muri iki gihe ; niyo mpamvu ishengero ritatanye, kuko umwe weseyatandukanijwe n'idini. Kandi iyo bakoze bartyo, Imana ibatera aho nyene.Ishaka ko dugirana isangira munsi y'Amaraso, aho dusangiye vyose, munsiy'umusaraba. Ni umugambi w'Imana gukora ivyo ! Imana irungika Ijambo Ryayo.

29 Kandi turabona ko isi y'iki gihe imeze nk'isi ya kiriya gihe, yisanga ubwayo,politike yayo, n'ibindi, vyose biko birashwanyagurika, mu gihe twiteze Mesiyaazoyisanasana.

Muvy'ukuri, ijambo Mesiya, risobanura ikintu gisizwe. Imana ! Iyi ni impishuro yaYesu Kristo, Igitabo cose cari kimatanijwe n'Amashashara Ndwi ya Yesu Kristo.Yesu Kristo yari mu Gitabo c'Itanguriro ; Yesu Kristo yari hagati mu Gitabo. Yesu Kristo yarimu Kuvayo no mw'Itanguriro, Yari hagati mu Gitabo kandi Yari mw'Isezerano Rishashano mu Vyahishuwe, kugeza kw'iherezo, uko Yari ari ejo niko Ari kandi nikoAzakwama ibihe vyose. Vyose ni Imana!

30 "Ubwa mbere na mbere Jambo yariho, kandi Jambo yahoranye n'Imana, kandi uwo JamboJambo yari Imana. Kandi Jambo yambaye umubiri abana natwe. »

« Imana imaze kuvuganira na basogokuruza mu kanwa k'abavugishwa, mu bihe vyinshino mu buryo bwinshi. » Kuko Ijambo ry'Umwami ryaza ku bavugishwa, kuri bobonyene, nuko baba basizwe kubw'Ijambo, bari bafise uburenganzira bwo gusobanuraIjambo. Kandi Imana yakorera muri bo, Yemeza yuko Ijambo ari ukuri. Nimba murimwebwe hari uwa mpwemu canke umuvugishwa, Jewe Uhoraho, Nzomwiyereka. Kandi nimbaico avuze gishitse, muze mumwumvirize. Nimba ivyo bidashitse, ntimukamwumvirize.» Birumvikana ku muntu wese, nta kindi.

Muvy'ukuri, turi hano, mu minsi ya nyuma, aho twiteze kandi Kugaruka kw'Umwami.

31 Nibutse umuvugabutumwa w'Umubatista yambatije mw'Izina rya Yesu Kristo, igihenari nkiri umusore w'umuyabaga. Yari afise akamenyero ko kuganira nanje kuriivyo no kuri Yohana Umubatizi. Yavuga ati, « "Mwenedata Billy," avuga ati,"igihe Yohana… Igihe Yavuga ati, « Reka bibe gurtyo, akamwemerera." Avuga ati,"Rero Yohana, yabatije…Yesu yarabatije Yohana ; kuko turazi yuko Yohana atari bwigere abatizwa,nyamara yarigisha umubatizo. » Rero, ivyo vyari vyarancanganije gato.

Ariko, nta gihe gishize, ivyo nabihishuriwe gurtya : Bahuriye aho mu ruzi,intwarabutumwa zibiri zikomeye, isi itigeze kugira : umugabo yaruta abavugishwabose, yari Yohana, « Mubavyawe n'umugore, ntawigeze kuza aruta Yohana » ; kandi hari n'Imana yigaragaje mu mubiri. Kandimwibuke, nk'uko Bibiliya ibitubwira iti, « Ijambo ry'Imana riza ku bavugishwa.» Muvy'ukuri, Ijambo ryari ryagizwe umubiri, umuvugishwa yari aho mu mazi.Ijambo n'Umuvugishwa bari hamwe, baramenyana ! Ni vyo. Ijambo ubwaryo, ryagizweumubiri, Umwana w'Imana mu mubiri, Yasanze umuvugishwa mu mazi.

32 Umuvugishwa aravuga ati, « Ni jewe nkwiye kubatizwa na We, kuki Uje kuri jewe ?»

Nawe avuga ati, «Emera ubikore, kuko ari vyo bidukwiriye ngo dushitseukugororoka kwose. »

Nimurabe ! Yohana yari umuvugishwa, yari azi ko Yesu ari ikimazi. Kandi ikimazicategerezwa kozwa imbere yo kugitanga nk'ikimazi. Ari yo mpamvu Yategerezwakubatizwa.

Oh ! Uno munsi, biradukwiye ko dushitsa durtyo ibigororotse vyose vy'uyu munsi.Isaha ni iyi. Bibiliya

itubwira ibitegerezwa gushika uyu munsi. Turazi ivyoBibiliya ivuga ko bitegerezwa gushika uno munsi. Birdusaba kwihambira ku Manakugeza igihe ivyo bintu bishitse. Isaha ni iyi ! Dusengere uwasizwe azoducungura,kuko Imana yarabidusezeraniye.

33 Barataye Ijambo risizwe ry'Imana, ni yo mpamvu isi ishwanyagurika,yarashwanyaguritse. Kandi turabona ko muri iki gihe yongeye gushwanyagurika.Mbona, nk'uko nabivuze, ko politike yacu yaboze ; ubuzima mu rusengero buraboze. Habaye iki ? Ng'iyiintandaro : iyo ugiye kure, igihe ico ari co cose, y'umugambi w'Imana, uzisangamu kubora. Ivyo ntibishobora kugumaho. Ijambo ry'Imana ntirinanirwa, nta kindina kimwe corisubirira ; ntibishoboka!

34 Uburyo bwacu bwo kwigisha, amadini yacu, vyafashe ikibanza ca Mpwemu Yera munteguro z'ishengero. Inyigisho nziza z'abakozi b'Imana, n'abandi, vyafasheikibanza c'ibikorane vy'amasengesho y'ijoro ryose no kwegera Imana mu buryo bwakera twari dufise. Muvy'ukuri, aho kugira abavugabutumwa, dufise abavugizi,abagabo bazi neza ijambo, bashobora kwicara hariya, bagashira ivyo bintu vyosehamwe, ugatangazwa n'ukuntu bavyifatamwo. Bazi ijambo, ariko ivyo sivyo nkomezi.Dushaka inkomezi. Ubumenyi ntaco bumbwiye, nshaka kumenya inkomezi. Ivyo bimaraiki ?

Sinzi ukoiriya modoka igenda. Ifiseivyangombwa vyose, ariko sinzi inkomezi ikoresha. Ico nzi co, ni inkomeziziyitwara.

Ni co tuzi. Imana yatanze isezerano, « Nzosuka Mpwemu wanje ku bantu bose,abahungu banyu n'abakobwa banyu bazovugishwa. » Izovyifatamwo ite ? Nsishoborakubibabwira. Nshaka gusa kumenya inkomezi z'Ivy'Imana. Ni co ca ngombwa.

35 Twarize cane ijambo ku buryo vyose vyabaye Ijambo. Vyomara iki kugira imodokaidafise inkomezi ziyatsa? Vyomara iki kugira amatara nimba ata muriro urimwo?Murabona ? Turafise ivyangombwa vyose, turafise amashuri, abarimu n'abandibashobora kwigisha umuntu ku buryo ahagarara ku gicaniro azi kuvuga neza. Ivyo ntankomezi z'Imana vyururutsa. Za nkomezi z'Imana zahozeho kera mw'ishengero,zirihe ? Imihezagiro y'Imana yatemba mw'ishengero iri he ? Ni yo mpamvu isiyacu ihwanyagurika, nuko twagiye kure y'amategeko ngenderwako nyakuri y'ibanzey'Imana, twinjije abantu mu mikorere n'ibindi tubicishije mu nyigisho. Kandinivyo vyadushize mu mibereho turimwo uno munsi. Nibaza ko ari yo mpamvu isi irikoirashwanyagurika.

36 Ivyo bikorwa vyabayeho kw'isi kuva igihe ca Nowa. Turabona ko igihe Imana yariifise Nowa, umuvugishwa wo kugororoka, avuga Ubutumwa bwiwe, hariho ibikorwavy'urukozasoni ico gihe, nk'uko Bibiliya ibivuga, « bararya, baranywa,bararongora, barashingira ico gihe. Hanyuma, isi yarashwanyaguritse kuko abantubari baranse Ubutumwa bw'Imana bwo muri ico gihe. Nowa yari umuvugishwa asizwew'Imana, yarungitswe n'Imana n'ubutumwa bw'Imana, yari yaraburiye abantu imbereyuko haba gucibwa urubanza. Baramutwenze, baramurtyoza, baramushinyagurizakandi imikorere y'isi yose yashwanyaguritse ico gihe, maze bicwa n'amazi yomusi y'ikiyaga. Ni vyo. Kuki? Bari banse Ubutumwa bw'igihe.

37 Turabona ko ari co kimwe n'ivyabaye muri Egiputa, igihe Mose yasohora abana baIsirayeli. Imikorere yose yari yaraboze. Kandi turabona ko ivyo vyongeye kuba, igiheImana yarungika intumwa Yayo isizwe kubw'Ijambo. Vyari ugushitsa Ijambo ryiwe.

Mwovugamuti, « Mbega kwari ugushitsa Ijambo ryiwe ? »

Yabwiye Aburahamu ko ivyo arivyo neza na neza yokoze. Kandi hategerezwa kubaumuntu aza mu gikorwa, muri ico gihe, kugira ngo agire rizima iryo Jambo imbereyabo. Imana yarungitse Mose hariya, kandi ikintu yari Yarasezeranye gukora,Mose yaragikoze kuko yari Ijambo risizwe ry'ico gihe. Yavuze ko ari ryorizocira urubanza isi y'ico gihe. Ijambo ry'Imana riravuga riti, « Nzociraurubanza iryo hanga n'ibimenyetso bikomeye n'utwumiza.»

38 Aho hari hari umuntu, umuntu asanzwe nka wewe na jewe, ariko yari afise Ijambory'Imana, yigiye imbere maze arema ibintu kubw'Ijambo. Yayoye umusenyi, mazearavuga ati, « Uyu musenyi uhinduke imbaragasa. » Kandi Ijambo ry'Imana, mukanwa k'uwo muvugishwa, nk'uko yari isaha vyategerezwa kuberaho, imbaragasa zaratwikiriyeisi yose. Yatwikirije isi ibikere, n'inda. Yayitwikirije ibiza bitandukanye,n'ibindi. Muvy'ukuri, Imana yari yatanze isezerano, hari hageze ngo risigwe,Ijambo risizwe ryo muri ico gihe barimwo.

Ni co dukeneye uno munsi, atari ugusubira mu mikorere y'amaseminari, ahubwo ni Ijamborisizwe ryo mu gihe turimwo kubwo kugaragaza Yesu Kristo kw' isi : « Uko yariari ejo, niko Ari n'uwu musi kandi niko Azahora. » Hariho integuro yashizweho y'unomunsi, isezerano ry'Imana. Kandi uburyo bumwe bwo kugira ngo tuje mu kugororoka,ni ukureka iri Jambo rigasigwa. Ni vyo. Niko bigenda igihe cose. Ego.

39 Turabona imico mibi mu gihe ca Nebukadineza. Yari afise umuntu asizwe. Igiheikiganza candika caza ku rusika, Yari ifise umuntu yashobora kubisoma.

Mu gihe ca Loti na Sodomu, turabona kandi isi ishwanyagurika. Imana yarokoyeabagomba kurokoka.

Igihe ca Yesu Kristo, turabona iyo mikorere yashizweho n'abantu yatumye isiyisanga muri izo ngorane, hamwe na politike yo muri ico gihe, ku buryo isi yoseyashwanyaguritse, kuri Noheli ya mbere.

Kandi ni vyo twakoze, twarahindukiye maze tuvanga Ijambo ry'Imana n'amadinitwitunganirije, kugera aho ivyo bishwanyagurika. Ni kuyihe mikoreretwokwishimikiza ? Ni kuyihe mikorere twokwizera : imikorere y'Abametodiste,Ababatiste, Abaperisipiteriyano canke Abapantekoti ? Nta na kimwe dushoboragukora kiretse kugaruka kuri iri Jambo risizwe kubw'iki gihe turimwo. Iryamikorere idakomeye, yaramunzwe. Ni imikorere yakozwe n'ibiganza vy'abantu,ntiyobakiza. Nta bugingo burimwo. Ubugingo buba mw'Ijambo ry'Imana. NiUbugingo. Ni ko Yavuze.

Ni nka kera, batanguye gusenga igihe bisanga ku mpera y'urugendo rwabo, nakoari uko basugerejwe, niko vyagenze mu gihe ca Nowa, mu gihe ca Mose n'abandi.Iyo babona ko batagishoboye kuja imbere, ico gihe batangura basenga, igihe coseImana irishura. Nuko Yesu aravuka.

40 Isi yo muri ico gihe, yariko irashwanyagurika. Buri hanga ryari ryiteze Mesiya,neza na neza nkatwe uno munsi. Roma yari yiteze umuntu w'umuhanga akomeye yarikuza iwabo, umuntu akomeye mu gisirikare, ku buryo yari kuza agahonya Abagirikin'isi yose. Ubugiriki bwashaka nk'ivyo, umuntu yari gushobora kubabwira ukuntubokwigarurira isi yose.

Isi y'ikidini y'Abayuda yari yiteze umugabisha akomeye. Bibaza ko Mesiya azomanukaavuye mw'Ijuru, afise inkoni nini y'icuma mu biganza, Akamerera nabi Abaroma,Akayivanaho Akakwegera mu kiyaga. Bari biteze umuntu nk'uwo. Bari bitezeintwazngabo.

41 Ni nk'amadini yo muri iki gihe, biteze umuntu adasanzwe. Uburusiya bwitezeumuntu adasanzwe. Uburasirazuba buramwiteze. ONU iramurondera. Amashengeroaramwiteze. Ariko ni muntu ki biteze?

Uburusiya bwiteze mesiya asizwe, afise ubwenge ku buryo azomenya uko bokwigaruriraikirere, bagatanga abandi bose kugera ku kwezi. Bashaka kwigarurira isi.

Ariko, nimurabe, iyo basaba ivyo bintu, ntibabisaba uko Yesu yavuze. Dushakakugira Imana agahungu ko gutuma : « Mwami, nkorera iki ! Genda ukore iki nakiriya», kumubwira ico akora.

42 Yesu yavuze ati, « Nimwasenga, musenge murtya: 'Data wa twese wo mw'Ijuru,Izina ryawe niryubahwe. Ubwami Bwawe nibuze. Ubugombe Bwawe bube'»,turamwiyeguriye, tumweguriye inzira zacu. Ivyo turi vyo vyose, turabimweguriye.Ni ho Imana ikora, iyo muyiretse ngo ikorere muri mwebwe, atari mwebwe, mugiraico muyikorako.

Mureke Imana ibahe amategeko, atari mwebwe muyiha amategeko, muracurika ibintu :« Ngwino mu mikorere yacu, O Mwami, tugire twese Abametodiste, tweseAbapentekoti, tuganze abandi bose. Dukeneye umuntu w'incabwenge, twebwe Abapentekoti,twebwe Abametodiste, n'Ababatiste. » Turafise amashuri ya seminari, twubakamanini cane, turavuga tuti, « Iherezo riri hafi, Kuza kw'Umwami », mu gihetwubaka amaseminari n'ibindi vy'agaciro k'amamiliyoni y'amadolari. Tugamije iki? Kwironkera mesiya. Ni vyo.

Umwami, agire ico ahagurutsa hariya, buri dini rigifate. Ni vyo. Mundabire.Mwitegereze igihe ivyo gusengera abarwaye vyatangura, havutse abavuzi ba kimanabangana iki ? Buri wese yashaka kuba umuganga wa kimana.

Harabayeho Mose mu gihe co gusohoka. Harabayeho Eliya, Elisa, Yesaya n'abandi.

43 Uno munsi, turabona isi ishaka mesiya wayo bwite. Uburusiya bushaka uwabwo,Leta Zunze Ubumwe zishaka uwazo, isi y'amashengero ishaka uwayo. Buri wese ashakamesiye wiwe, ariko ashaka uwo ashobora kugenzura. Oh ! Nta nkeka ! Ego, bo,nibo bashoboye kumuronka ! Imana iramutse ibarungikiye uwo bashaka, nta nkekabazomwemera. Ariko, murabe, Imana yari izi ivyo bakeneye. Ntiyabasezeraniyekwishura ivyipfuzo vyacu ahubwo yishura ivyo dukeneye.

Bashaka intwazangabo, baronse Uruhinja. Murabona, ni rwo bari bakeneye. Baribakeneye Umwana kugira ngo abacishe bugufi, kubatesha agaciro.

44 Ni vyo uwo mwirasi w'ishengero akeneye uno munsi : kongera guca bugufi. Tugezeaho ata rwijiji rukiriho, nta rukundo rukiri mu bantu. Wogira ngo dupfa burimunsi. Ishengero rirakonje. Biragaragara umuvyuro warangiye none tubonaubukonje. Biradusaba guca bugufi. Kandi…

Basavye intwazangabo, baronka umwagazi w'intama. Kuki? Imana yari izi ivyobakeneye. Kandi ni vyo bari bakeneye. Bari bakeneye Umukiza. Bibaza kobakijijwe, ariko Imana yarizi ko batarakizwa.

Ni vyo isi ikeneye uno munsi, ikeneye kandi Umukiza, Umukiza yobakura muri iyimibereho, ikintu gishobora kubeshaho ivyo. Bitari imikorere y'inyigisho, bitariimikorere y'ivyangombwa, canke uburyo bwo

kurera. Ivyo dukeneye, nuko inkomeziz'Umwami Yesu Kristo n'ubuntu bw'agakiza bigaruka mw'ishengero. Hanyuma,abagabo, abagore, abasore, inkumi bagashobora gukizwa.

Twoba twarindiriye cane? Hoba hari benshi hariya hanze batarinjira? Izina ryanyuma ryarakijijwe? Mbega ni co kibazo uno munsi? Birashoboka, murabizi.Birashobora kuba ari vyo, ariko kandi tudaciriyemwo Ivyanditswe, nta na gato.Bishobora kuba ari vyo. Birtyo rero, ntabwo tubizi ; reka twitonde.

45 Ariko bo bari bazi ko bakijijwe, ariko Imana yari ibizi kubarusha. Niko bimezeuno munsi.

Bafashe Ijambo Imana yabahaye muri ico gihe, ryari kubereka umunsi Azogaruka, nonebabigize umuhango. Yesu yavuze ati, « Mwafashe Ijambo ry'Imana murisubirizaimihango.‟

Ni vyo vyabaye uno munsi mu mikorere y'isi yacu y'ikidini. Imikorere y'isiyafashe Ijambo ry'Imana barigira imihango. Niyo mpamvu ritagira inkomezihariya. Ntakizovamwo kuko ni ikivange.

Ntushobora gutera ikigori co ku nkomoko ahandi hatari mw'ivu, nticomera. Urashoborakucanikira ku zuba ukabandanya ugishusha, urashobora gukora ico ushaka cose,ariko bisaba ubwoko kanaka bw'ivu. Gitegerezwa kuba aho. Gitegerezwa guterwa.Hategerezwa kubaho ikirere ciza kugira ngo kirondoke.

46 Ni co kimwe n'Ijambo ry'Imana ! Ntushobora gufata ishengero ngo uribeshehon'imigenzo. Murashobora kuzana imiliyoni z'abantu, ariko ntimushobo kumanurainkomezi z'Imana, kiretse mwongeye mukagaruka kw' Ijambo ry'inkomoko, kugarukakw' Ijambo ry'intango, kugaruka ku Maraso, kugaruka kuri Yesu Kristo, kugaruka mubikorane vy'amasengesho mu buryo bwa kera, no kugaruka ku Mana ! Kumbure twaragiyekure uno munsi ku buryo igihe carenze kera. Ariko uko vyogenda kose, Ubutumwabwiza butegerezwa kuvugwa. Si twe twoca urubanza.

Imana yarizi ivyo bakeneye, bityo Yabahaye ivyo bakeneye. Niko bikiri, turabonaivyo bari bafise, kandi nivyo twakoze.

47 Uburusiya n'abandi bose bashaka uwabo kandi abantu batandukanye bomubushakashatsi bashaka kugira izina rikomeye. Buri hanga rishaka kugira umuhangawabo. Dushaka kugira uwacu. Dushaka kugiramwo imikorere y'uburere. Dushakakugira imikorere y'amadini. Kandi nivyo dufise neza na neza. Nivyo mwakoze.Nivyo mushaka kugira, nivyo Imana yabahaye. Muzobikoresha iki, inyuma yokubigira?

Tuvuge ku Burusiya akanya gato. Abarusiya bashaka umuntu yokwigarurira ikirere.Abashakashatsi babo bariko baramutegura vyihutirwa. Kandi bararonse umwe, vyogendabite baramutse baronse mesiya wabo, twobigira gute ? Imana itubabarirebaramutse bamuronse. Mwibuke Ubudagi, bagize mesiya nk'uwo, ntagihe gishize,hashize igihe bagize Hitler, kandi turazi ico ivyo vyabakoreye.

48 Bimeze bite kw'ishengero? Ni mesiya bwoko ki ishengero ryiteze uno munsi?Mwebwe, shengero mwavugije induru nyinshi. None, ni iki dusaba tuvuza indurunyinshi ku bijanye na mesiya, turasaba iki? « Umuvyuro mu gihe cacu ! Tugire ibi n'ibi na biriya. »Barindiriye iki, kugira ngo babikore? Ni iki kandi mukeneye ? Ni iki ishengero rikeneyeinyuma ya vyose ?

Twamaze kubibona. Ni isezerano ry'iki gihe. Turarabamuri Bibiliya, tukabibona hose muri Bibiliya. Abasizwe baraje maze bongerabagira iri Jambo rizima, igihe kigeze, muri kiriya gihe. Kandi twararonseMesiya. Ng'uyu. Ni Ijambo ! « Ubwa mbere na mbere Jambo yariho, kandi Jambo Yahoranyen'Imana, kandi uwo Jambo yari Imana. » Kandi Ijambo rihora ari Imana,Abaheburayo 13 : 8, « Uko yari ari ejo n'uyu musi niko Ari kandi niko Azakwamaibihe vyose. » Turazi ibitegerezwa kuba muri ino minsi. Dukeneye Mesiya. KandiImana yaraduhaye Mesiya, Ijambo muri ino minsi. Ririndiriye gusa umuntu afiseukwizera kugira ngo yongere arigire rizima. Ego, ego. Ni Mesiya nyawe, niIjambo ry'Imana. Mu vy'ukuri, Yesu yaravuze ati, «Ijuru n'isi bizovaho, arikoIjambo ryanje ntirizovaho.»

49 Ariko, mu vyampwemu, ishengero ryarapfuye, vyararirangiranye, igihe cararirangiranye.Bararemvye, ntibazi ico bakora : umwe yiruka muri iki cerekezo, uwundi mu kindicerekezo. Kandi hano, buri sezerano Imana yakoze muri Bibiliya, buri rimwe ryose,rirahari kandi rifise agaciro bidasubirwamwo. Ni igihe ! Ni iki gitumaishengero rimera rirtyo ? Turi mu gihe ca Lawodikiya, aho bitegerezwa kumera birtyo.Ni igihe cavyo.

50 Ariko mwibuke,iki ni igihe y'aho za nkumi zisinziriye ziza kugura amavuta, ico gihe Umukwe aba araje. Ubu turabona,Abepisikopaliyano, Abaperesipiteriyano, n'ayandi madini atandukanye,batashobora, mu myaka ishize, kwegera Abapentekoti, niyo wari kubaha umushara,ariko uno munsi baraza. Ntimuzi ivyo Yesu yavuze ? Baje kugura amavuta, kandibaravuze bati, « Nimuduhe ku mavuta yanyu. » Abari bafise amavuta barishurabati, «Oya, siko bimeze. Nimuje kuyagura kubayagurisha. » Mu gihe bariko bararondera aho bayagura, mu gihebashaka kuyagura… Murazi isaha turimwo ga Bapantekoti mwe ? Igihe bagaruka, kumburebaragize urwijiji, kumbure bakoze ibina biriya, n'ibindi ; ariko, Ivyanditswe bivuga ko batayaronse. Mu gihe bariko bashakakuyarondera, bashobora kuba baragize ibishika, n'ibindi, ariko sataniarashobora kuvyigana. Mu gihe barondera aho bayagura, Umukwe araza ; abari bafise amavuta barinjira.

51 Ng'iyo isaha turimwo. Ntitwigeze tubibona imbere y'aho. Yesu yavuze ko bizomerabirtyo ;niko bimeze rero ! Ni iki tubona ? Turabona Ijambo, kandi Imana yavuze ko arikobizogenda muri ino minsi, bizogenda birtyo mu maso yacu. « Oh, Muvyuke mwebweabera b'Umwami ;kuki musinzira kandi iherezo riri hafi », kuko tutazi ngo bizoba ryari ? Ego.

Imikorere y'isi yacu, imikorere y'ishengero ryacu, imikorere y'idini ryacu,imikorere yacu yose yaranduye kandi yononekaye. Ivyo tubuze uno munsi, nivyobari bafise ejo hashize. Nivyo. Wogira ngo amashengero ariko aruma ; ntivyoroshe kubona ishengero rifise Ubuzima bw'Ijambohamwe na Mpwemu w'Imana kandi aho ibintu birakomeye nk'uko vyari bimeze harashizeigihe.

52 Turabona ko Imana yari izi ivyo bakeneye, birtyo, igihe cose ishitsa isezerano.Ni rya Jambo ry'icubahiro tubona, isezerano ; bategerezwa kumenya neza ko ari vyo Imana yariyarasezeranye, ko bizoshika muri kiriya gihe.

Mwovugamuti, « Gute, hategerezwa kuba iki ?

Yesaya 9:6, umuvugishwa avuga ati, « Umwana yatuvukiye, duhawe umwanaw'umuhunu. Azitwa, Umujanama, Umwami w'amahoro, Imana y'ubushobozi, Data watwese Ahoraho, kandi ubutware bwiwe buzoba ku bitugu vyiwe, kandi Ubwami bwiwentibuzogira iherezo. »

53 Turazi yuko Umwana yategerezwa kuvuka muri ico gihe ; kubwacu, inkumi yategerezwa gusama ikavyara. Kandintivyari vyarigeze kubaho mu mikorere yabo ; ariyo mpamvu batashaka kugira ico bahurirako navyo.Baravyanse. Ariko Ijambo risizwe, Imana igizwe umubiri hagati yabo (imanweli),Yarahagaze hariya, Iravuga iti, « Ni nde muri mwebwe yonyagiriza icaha, ukutizera? Murasesa Ivyanditswe, kuko mwiyumvira ko harimwo Ubugingo Budashira : ni vyobinshingira intahe. » Yari Azwi nka Mesiya, Mesiya yategerezwa kuza ico gihe.Kandi imikorere yari yarateye urwijiji abantu, n'amategeko menshi y'imikoreren'ibindi, kugeza aho bahinduye Ijambo ry'Imana ubusa. Ntibashobora kubona koAri Mesiya.

54 Kandi ivyabaye muri kiriya gihe, biriko biraba n'ubu. Ni vyo. Imikorere y'isi,ibikoresho, mu bikoresho vyabo vyinshi, bafise ikintu kimwe mu kibanzac'ikindi. Ni gute ivyo bishobora gukora? Ntibishoboka. Suko vyakozwe.

Ishengero ntirishobora gukora ridafise inkomezi z'Imana, kubw'Ijambo. KandiMpwemu Yera azoshingira intahe Ijambo gusa, kuko ni vyo ategerezwa gukora.Gusigwa, ni ugushingira intahe Ijambo.

Yesu yari Uwasizwe, Ijambo rigizweumuntu. Niyo mpamvu yinjiye mu mazi, yari Ijambo ryaje ku muvugishwa.Umuvugishwa yarahagurutse aravuga ati, « Ntegerezwa guca bugufi, na We agashirwahejuru. » Turazi ko ariko Imana ikora.

Ariko none, barabibonye? Bategerezwa kubimenya. Bategerezwa kwitondera ibikorwavy'Imana. Barabonye Ijambo rishika. Bari bazi ko ari vyo Ivyanditswe bivuga,ariko ntibizeye ko ariko bizogenda. Ivyo vyategerezwa gushika mu Bafarisayo,canke mu Basadukayo. Iyo biza kubera mu Bafarisayo, Abasadukayo ntibari kuvyakira.Kandi iyo biza mu Basadukayo, Abafarisayo ntibari kuvyakira, kuko bari kuvugabati, ni ivy'Abasadukayo. Abasadukayo nabo bakavuga bati, ni iby'Abafarisayo.

55 Kandi ni co kimwe uno munsi, neza cane. Imikorere yacu, yose yari yarabozekandi yaranduye. Oh, bagenzi ! Igihe turimwo ubu, isi yarahumye, tugenda mu mw'ijima,turi mu mikorere y'iy'isi, nk'intama zidafise umwungere. Mugihe bari barabonyeIjambo ry'Imana Nzima rigaragajwe mu maso yabo, ariko bagenda buhumyi,bararireka, nigute mwogira ikindi kintu mwitega ? Amen. Nuko bimeze.

Muvy'ukuri, isi iriko irashwanyagurika. Kuki ? Ijambo ryoyibeshejeho,ryaranswe. Ivyo turabibona muba Heburayo

56 25Eistein yarabivuze. Narakurikiye ikiganiro ciwe, i New York City, ejo bundin'ijoro, yari yakoresheje ikiganiro kimwe mu biganiro vyiwe vya nyuma. Yarikoaravuga ku mugwi w'inyenyeri, udusi duto, muri uwo mugwi w'inyenyeri. Yaravuzeati, « Umuntu aramutse agiye mu kirere ku muvuduko w'umuco… » ni kangahe,ibihumbi umunani…[Umuntu umwe avuze ng, "Ibihumbi ijana na mirongo umunani na bitandatu."-Umw.] Mayili ibihumbi ijana na mirongo umunani na birandatukw'isegonda. [Ibilometero 300.000]. Vyomufata, vyomufata igihe kingana n'imyaka imiliyoniijana na mirongo itanu ku muvuduko w'umuco kugira ngo ashikeyo. » Yavumbuye IbiheBidashira. Hanyuma aravuga ati, « Kugira ngo agaruke, vyomufata n'ubundi imyakaimiliyoni ijana na mirongo itanu ku muvuduko w'umuco, kugenda no kugaruka,bingana n'imyaka imiliyoni amajana atatu y'umuvuduko w'umuco. Uwo muntu yoba yabuze kw'isiimyaka 50 gusa. Murabona, mwinjiye mu Bihe Bidashira ! Oh, bagenzi ! Ubukurubw'Imana, igihe yarema imiterere y'izuba !

57 Kandi uwundi munsi, uriya muntu yagendeye mu cogajuru, ageze hejuruy'Uburusiya yavuze ko ata Mana yabonye, kandi ko ata n'Abamalayika yabonye. Mbegaukuntu bashobora kuba injiji! Iyo…

Imana! kandi Imiterere y'izuba yose yavuye mu biganza ihushe gusa, rero, Yo Irihejuru y'aho, mu mamiliyoni y'imyaka y'umuco. Kandi vyose bifashwe n'inkomezizayo n'Ijambo ryayo. Aleluya ! Buri nyenyeri itegerezwa kuba mu kibanza cayo. Ego,mushingantahe! Kandi yaciye bugufi canearamanuka aba umwe muri twebwe ; ngo adupfire, nta rwitwazo dufise. Inyenyeri imweivuye mu cerekezo cayo, ikicaro cayo, aho iri, ihavuye, ivyo vyohungabanya imikorereyose. Imikorere ibwirizwa gukora neza ckimwe, kuko ibeshejweho n'iyindi.

58 Imikorere y'Imana, iyo iri mu bwumvikane bwuzuye n'Imana, ibintu vyose bigendaneza. Nivyo ;muvy'ukuri, bitegerezwa kuba birtyo.

Ariko ishengero ntiryigeze ryemera imikorere y'Imana, ryikoreye imikorereyaryo. Niyo mpamvu tutumvikana twese. Niyo mpamvu ishengero riri mu rwijiji.Niyo mpamvu isi iriko irashwanyagurika uno munsi, kuko twahisemwo gukoreshaimikorere yacu. Niyo mpamvu isi y'abanyapolitike iriko irashwanyagurika. Nico gitumaisi y'amadini iriko irashwanyagurika, nuko twahisemwo gukoresha imikorere yacuaho kwemera integuro ihoraho y'Imana mu bihe. Amen ! Ico ni co kibazo c'isi. Nico kitagenda, nuko bahisemwo gukoresha ikindi kintu. Bigatuma abantu bavugabati, « Jewe, ndi Umuperesipiteriyano, jewe ndi Umumetodiste, jewe ndi umu YesuGusa. Jewe ndi Umunyabutatu, jewe ndi… » Oh! Tubabarire ! Ntibitangaje kubatutaguma hamwe, nta kintu kihari kiduhuza.

59 Umushingantahe Nixon yavuze ikintu kimwe kidasanzwe ntigeze numvana umuperezidacanke icegera ciwe muri iyi myaka ishize, igihe yavuga, « Ikibazo c'Abanyamerika,nuko bataye urukundo no kwubahana. » Nk'abenegihugu b'Amerika, turarasana mumabarabara, bishoboka bite ? Bagenzi!

Nimba udashobora kumvikana n'umuntu kandi ngo ubandanye kumukunda, rero,ceceka. Nimba udashobora kumuvugisha, nk'umupapa akosora umwana wiwe, ashoborakumushira ukuboko ku bitugu, kandi ukamuhobera inyuma y'ivyo, vyoba vyizaushize ivyo vyose ku ruhande. Ntiwageze kure ubwawe kugira ngo umenye ivyouvuga. Ni vyo. Ndashobora kutumvikana n'umuntu, azoguma ari mwene Data,nzomufata mu kuboko. Nsinshobora kumureka ngo agende artyo ; mbikoze, ntabimubwiye, sinoba ndi mwene Data w'ukurikuri we. Ni vyo. Ariko ndashobora kubimubwira, nkamubwira ko ndamukunda,nkabimugaragariza, ndamukunda.

60 Ntukeneye kumurasira mw'ibarabara. Sinemeranya na politike y'UmushingantaheKennedy, idini ryiwe n'ibindi, ariko ntiyarakwiye ruriya rupfu. Oya,mushingantahe. Oya, nta nagato. Nta muntu n'umwe akwiye gupfa kuriya.

Turabona yuko isi yononekaye. Igihugu cacu, politike yacu, imikorere y'ikidini,n'ibindi, vyose vyarononekaye.

Ivyo birarindiriye gusa. Ijambo ry'Imana, ryavugishijwe muri iki gihe,rirarindiriye ko haza umuntu ngo aryemeze. Ndibaza nimba yaramaze kubikora.None, turi he nimba yaramaze kubikora ? Nimba yaramaze kubikora, turi he ?Abagorwa !

61 Kenshi naragiye mvuga ibintu bimwe ku mugore wa Kennedy, kubera irya mideliy'isi yatanguje, zirya nyimosho z'ubucube, n'ukuntu bashikibacu, n'uko kumwaimishatsi, bakambara nk'umugore wa Kennedy, navuze ko ari “nka Yezebeli wakera.” Ni vyo. Niko nizera. Mba -mba -mbabajwe muvy'ukuri, n'uwo muvyeyi mutohariya kuri uwu mugoroba, hamwe n'abana biwe, ni vyo.

Ariko, munyemerere mbabaze ikintu kimwe. Iyo Jacqueline Kennedy aza kumenyaUbutumwa nka bamwe muri mwebwe, Abapentekoti mwamenye, kubijanye no kumwa imishatsin'ibindi, ashobora kuba ataba amwa imishatsi yiwe. Vyitwa ko muri Abapentekoti,ariko muranka mukayimwa. Ahaa ! Ashobora kuba ataba ayimwa, iyo aza kugiririrwaubuntu bwo kumva Ubutumwa, murabona, mwebwe, mwarumvise. Murahari. Tumerewenabi, bagenzi banje. Ni vyo pe. Ego, koko.. Yoo ! O Mana, ni gute imico,ikintu…

62 Ubupfasoni, ni kimwe mu bintu bibeshejeho iki gihugu. Ni uruti rw'umugongo. Ubupfasoni,iyo mpano nzinza Imana yahaye umugore kugira ngo ashobore kuba umuvyeyi, none,ntibikiri vyo. Ni ukuva kera, abagore bo muri iyi si, inkomezi zabo zunamiye umudayimoniw'imideli yo muri Hollywood, bafata icitegererezo c'imyambaro, inyifato, kuri bamwemuri ba rurangiranwa bo muri Hollywood. Kandi kenshi, n'imyambaro y'abatubahaImana, y'ubusambanyi yabaye umudeli mu mashengero. Kandi abapasitori ku gicaniro,ntibatinyuka, nta nkomezi za Mpwemu Yera, nka Loti yari yicaye hariya, umutimaubabajwe, yitwararika inyungu aho kubwira abantu ko ivyo atari vyo. Ego.

63 Ico dukeneyeuno munsi, ni ukurandura. Murashoborakurandura mwacerewe. Kumbure isaha yararenze. Nta wundi muvyuro tuzongerakugira. Ndazi ko muwurindiriye, ariko ntavyo mbona mu Vyanditswe.

Niteze Izamurwa, ni iry'abantu bakeya. Ni vyo, nezaneza, abantu bake. Ntibazomenya ko bagiye, mw'isi yose. Igihe bazogenda,ntanubwo bazomenya ko vyabaye. Ni vyo. Bizokorwa nk'igisuma mw'ijoro.

64 2Kandi nimbaatagabanije igikorwa, kubw'Abatoranijwe ! Hariho abatoranirijwe UbugingoBudashira,

turabizi ; barabizi bose, abafise Ubugingo Budashira. Kandi nimba bo-kandi nimba bo…canke atayigabanije, kubwabo, nta muntu numwe azokizwa. Isi igeze kw'iherezo, buri myaka ibihumbibibiri. Turazi yuko imikorere y'isi yashwanyaguritse. Yarashwanyaguritse mugihe ca Nowa. Yarashwanyaguritse mu gihe ca Kristo. Kandi hano turi muri 1964,birabaye ; hasigaye igihe kingana ki ? Imyaka 36 kugira ngo tugire iyindi myakaibihumbi bibiri ; ikinjana ca 21 kiraje. Habaye iki ? Igikorwa gitegerezwakugirwa kigufi. Yesu yaravuze kononekara kwo muri iki gihe : « N'abatoranijwebohenzwe ntibarokoke, iyaba vyashoboka. » Niko biri. Indangabihe irabitwereka,nk'uko abashakashatsi babivuga, ko dusigaranye hafi imyaka cumi n'itanu.Twaracerewe uravye iyi ndagabihe y'Abaroma ; indangabihe y'Abayuda, hasigayeimyaka cumi n'itanu canke mirongo ibiri kugira ngo twuzuze ivyo.

Tugeze he ?Turabona amahanga ashwanyagurika kandi Isirayeli yavyutse, ibimenyetso vyavuzwen'iyi Bibiliya kubw'iki gihe. Turabona ibiba, ibikoresho. Rero, Mpwemu,inkomezi z'iri Jambo ryasezeranywe, kugira ngo yinjire mw'Ishengero ryiwe ngo asunikireabantu i Kaluvariyo no mw'Izamurwa ! Niko bimeze.

65 Ntibitangajeko turiko turashwanyagurika, nta na kimwe kiriho… Ca Kintu carema isi, icoKintu nyene cashizwe hano, kugira ngo isi ikizungurukeko, Ikintu, imikorerey'isi n'ibindi vyose, bitegerezwa kuzunguruka, iri Jambo, ryaremye isi, kubw'Imana.Einstein yarabivuze, yavuze ati, « Hariho insobanuro imwe, ni Ivyanditswe…Hariho insobanuro imwe ku bijanye nuko isi yabayeho, ni mu Baheburayo 11, 'Nikubwo kwizera twumva ko Ijambo… ko isi yaremwe n'Ijambo ry'Imana.' » Ni ivyo.Nta muntu yoshobora gusobanura ukuntu izuba riri hariya mu kirere, ukuntu rizungurukarikurikira umurongo ugabanya isi mwo kabiri, mu gihe c'amasaha 24, n'ibindivyose, rikaza kugera aho ryatanguriye, ata segonda n'imwe ritaye. Kandi inyenyerizose, mu rugendo rwazo, zirafashanya.

66 Niguteukwezi kugenzura ibiyaga ! Ukwezi kuramutse kuvuye mu kibanza cakwo, twogiraumwuzure w'imetero 30 , mw' isegonda canke mu masengonda abiri. Kuriya kwezi !Urashobora kwimba umwobo hano, mwebwe mwimba amariba y'igitoro, mwimbe hano.Murabona ikirere kibatandukanya n'inkombe z'ibahari ? Imba umwobo hano mw'ivu,maze urabe ibahari ngo iraduga ni mugoroba, ivyo bica biduza amazi mu mihora,amazi arimwo umunyu, vyanse bikunze. Ni iki ? Ni kuriya kwezi kubigenzura. Ni imikorerey'Imana.

Ni umukorerew'Imana. Ni itegeko ry'Imana. Ariko dukora itegeko ryacu, ntidushaka kwemeraIryayo. Twihute kugira ngo turangize. Ivyabaye kera, biba kuri Noheli, turabonaisi yacu iriko irashwanyagurika. Oh !

67 Imanayarasizwe amavuta, kandi Yarasezeranye Ijambo ryayo. Yadusize amavuta kuvakera, kandi Yaratubwiye, Yarababwiye, igihe Yasiga Yesu Kristo… Peteroyaravuze, umunsi wa Pantekoti yaravuze ati, « Yesu Kristo, uwo Imana yashingishirijeintahe ibikorwa bikomeye n'ibitangaza n'ibimenyetso, ivyo yamukoresheje hagatiyanyu, nk'uko mubizi namwe ubwanyu. » Bari abashingira intahe ivyo. KandiYaravuze ati, « Inyuma y'izuka n'ibindi, Yakoze iki ! Mwafashe Umwamiw'Ubugingo, mwamubambishije amaboko y'abanyavyaha, muramwica. Imana yaramuzuye ;kandi turi abo kubishingira intahe. » Ni gute Nikodemu yaje akavuga ati, «Mwigisha, turazi yuko ; twebwe Abafarisayo, Abanyekombe, turazi yuko uriUmwigisha yatumwe n'Imana. Nta muntu yokora ivyo ukora atari uko aturutse ku Mana.» Bari bazi ko isezerano ryari iry'ico gihe, bari bazi ko ari ivyo, arikoimikorere yabo yari yarababoshe ku buburyo ataco bari gukora kuri ico kintu.

68 Ni co kimweuno munsi, neza na neza, ni co kimwe. Ntushobora gukora urtyo, ubikoze wocaubwo nyene usubiza ikarata yawe y'umunywanyi. Ubahiriza Ijambo ry'Imana mazeurabe ikiba ; bizoba bikurangiranye. Ntuzongera kwamamara. Bazokwirukana hagatiyabo n'ahandi.

Oh, nimbaufise igikorwa kanaka, bazokugumana kubera amafaranga bungukira mu bantu igikorwacawe gikwega, kubera amafaranga, nta kindi. Ariko murabe iyo hageze kw'Ijambo,murabe ukuntu bisubirako. Mwibaza ko umukozi w'Imana atavyumva ? Muvy'ukuri,Yesu yari azi ko Yuda yari amuri iruhande. Kuki, Yesu ataco yabwiye Yuda ? Niyompamvu uno munsi, mutegerezwa kwitega isaha yo kugeragezwa. Ni vyo. Bamenyeivyo. Bazobimenya.

69 Mwitegereze,ariko ntibashaka uburyo yajemwo, nico kimwe n'uno munsi. Amashengero ya kerayashaka ko imikorere yabo isigwa amavuta. Abafarisayo bashaka ko imikorere yaboisigwa amavuta, Abasadukayo bashaka ko yoba imikorere y'Abasadukayo, Abaherodiyagutyo, n'abandi. Niko bimeze n'ubu. Nimba Imana irungitse gusigwa maze igasigaAbanyabumwe, ntizobibwira Abanyabubiri canke Abanyabutatu, canke abandi ntazi ?Abo mu Makoraniro y'Imana bazobibwira Abanyabumwe, si ko biri ? « Nababwiye kodufise ukuri ! » Abametodiste bazobwira Ababatista bati, « Muhungu, raba nitwedufise ukuri ! » Murashaka ko imikorere yanyu isigwa.

Ariko, Imanayasezeranye gusiga Ijambo ryayo gusa. Amen ! Ndazi ko bibabaza, ariko ni Ukuri.Imana ntihinduka. Isiga Ijambo ryayo. Ego, mushingantahe. Ijambo risizwe,ryasezeranywe muri ico gihe, ni ryo Imana isiga. Ijambo ryasezeranywe mu gihekanaka !

70 Uno munsi, bashaka imikorere y'inyigisho. Kuki?Ni ugushaka gukora ico bashaka kandi bakabandanya

kwiyita Abakristo. Oh ! Nimbabafise ikintu kinini, aho bashobora kwinjira, mukamanuka mu mirongo n'ahandi,muriko mwihekenyera bazoka, mukubitana agashi mu mugongo, hanyuma mukaja mukaruhuko mu vyumba n'ahandi, aho mukinira umupira w'amaboko, uw'amaguru,n'ibindi ntazi… Niba arivyo mana yanyu, ni icuka. Ariko mureke mbabwire icodukeneye uno munsi, ni Ijambo ry'Imana risizwe ryo muri iki gihe, rizongerakugarura inkomezi za Mpwemu Yera. Ego, ni ivyo, ariko ivyo nta kibanza bifisemw'ishengero. Nta nagato. Bategerezwa kwubaka ikintu nk'ico, kugira ngoishengero ribeho, vyoba vyiza mubituriye canke mubitaye hanze, canke kwinjizaikintu cogarura Ijambo ry'Imana. Kandi ni ibintu vy'isi bavanga n'Ijambory'Imana ; ntimukwiye gukora ivyo. Ntana gato.

71 Ego, mushingantahe ; uno munsi bakeneye imikorere kanaka. Isi ishaka kwemeza imikorererekanaka. Muvy'ukuri, buri mikorere mito ubwayo, buri wese aravuga ati, « Nshakako ivyo bituruka iwacu. » Oh ! Bagashaka ibimashini binini, bakigishaabavugabutumwa n'ibindi nk'ivyo, kandi bakabikora, bakabisohora, muhungu wanje,bifashishije amashuri, ku buryo, nimba umuntu adashoboye kuvuga neza amajambon'indimburo nziza, ntazongera kuja ku gicaniro inyuma y'aho. Ariko ico dukeneyeuno munsi, si imikorere y'inyigisho y'uburere, si abahinga bo kuvuga imberey'abantu.

Ico dukeneye uno munsi, ni Ubutumwa Bwiza bukoreshejwe n'Inkomezi z'Imana,kubwo gushingira intahe Ijambo ry'iki gihe, ku buryo umuntu azohaguruka mazeakavuga Ukuri, ivyo vyobakomeretsa canke vyobashira hanze, canke uko vyomerakose. Ni vyo bikenewe kuri iyi saha, uno munsi.

72 Ariko abantu bashaka ikindi kintu. Abantu b'iki gihe, abagore bashaka iki ?Bashaka umugabo, umupasitori azohaguruka akavuga, ati « Ibintu bimeze neza. Murashoboragukora ibi na biriya. Canke, ni vyiza, nta kibazo mukundwa wanje. » Uwomuvugabutumwa akeneye akanywamfunywamfu k'Ubutumwa bwiza, uwemera ko bamwe imishatsibakanisiga amarangi.

Oya.Mwovuga muti, « Ivyo bihuriyehe n'ivyo?»

Ntimuzi ko uko mumeze hanze, bigaragaza uko mumeze imbere muri mwebwe? Bibiliyantivuga ko mudakwiye gukora ivyo? « Ntukwiye gusenga umeze utyo?»

73 Namwe bagabo, murashaka ikintu nk'ico? Bavugabutumwa, ntimushobora kubivuga,kuko mwotakaza ikarata yanyu y'umunywanyi, inama nkuru yoca ibirukana mugizeico muvuga kuri vyo. Imana ibabarire umuntu ababazwa n'ikarata y'inama cankeikarata y'ubunywanyi, kuruta Umubatizo wa Mpwemu Yera, hamwe n'Ijambo ! Ni guteMpwemu Yera yanditse Bibiliya, ashobora guhakana ico Yanditse ?

“Muvy'ukuri, ibitangaza, ntavyo dukeneye uno munsi ! Gukira kwa kimana, ivyobintu vyose, ivyo, ntibibaho. Ni umugani. Oh ! Ni ugusoma mu vyiyumviro.”Mwebwe, bagorwa, mwononekaye, mufise ingorane ki? Dukeneye -dukeneye Ubutumwabwiza, nimba Mpwemu Yera ari muri mwebwe!

74 Hamwe ndamutse ndababwira ko, “ubugingo bwa Beethoven buri muri jewe,”noshobora kwandika indirimbo. Beethoven ari muri jewe, nobaho nka Beethoven.Shakespeare ari muri jewe, nokwandika ivyese. Noshobora kwandika ivyese.Noshobora kwandika ibikino , nimba Shakespeare aba muri jewe.

Yesu Kristo nawe nimba aba muri mwebwe, n'Ijambo ryiwe, kandi We n'Ijambo,ibikorwa yakoze, bizishingira intahe muri ino minsi, kubw'isezerano yatanze Weubiwe. Amen ! Nico Imana irindiriye. Ni co kibeshejeho isi ; kibeshejeho isi y'ivyo gusenga, ni Ijambo ryayo,mugumane Ijambo ryose hamwe. Ego.

75 Abantu bakunda imikorere nk'iyo, nubwo biri uko. Kandi bazoyironka. Baza barimuri yo, n'ubu. Ya Nama Mpuzamadini y'Isi izobaha ivyo bashaka, bose hamwe. Nigute bariya Bapantekoti bashobora kuja hamwe nabo muri ziriya nama, kwinjira mugisagara ca Vatikani no kwandika ikete rivuga ngo, « Ni ikintu ca mpwemuntigeze mvuga, igihe nari nicaranye na Nyenubweranda Papa naka na naka », kandi ukaba uri umupentekotino kumenya ukuntu… Ni igikundi c'Abapentekoti capfuye. Vyose vyarapfuye.Vyaraboze. Vyararangiye. Basubiye muri rya Shirahamwe ry'Amashengero, mukibanza caryo. Ni vyo koko.

76 Ariko ishengero ry'Imana Nzima, wa Mugeni, aja imbere uko biri kose. Azojamw'izamurwa, kubw'Ijambo, ni vyo, Ijambo n'Ijambo biziyunga. Nimba turi urugingorwa Kristo, urugingo rw'ivyo, dutegerezwa kuba Ijambo ryiwe, kuko Ari Ijambo.Ni vyo. Ego, mushingantahe.

77 Baranse Ijambo ry'isezerano risizwe ry'iki gihe, kandi Ahora Ari Ijambo. NimbaImana yaraturungikiye Ijambo ry'isezerano risizwe, iyindi ncuro, kuri iki gihe,muri 1946, Yoba ari wa wundi uko Yari igihe yaza mw'itanguriro, Ijambo risizwery'Igihe. Abaheburayo 13 : 8, harabitubwira neza, « Uko Yari Ari ejo, n'uwumusi niko Ari kandi niko Azakwama ibihe vyose. » Ni vyo koko. Kandi Azahoraagororotse kw'Ijambo ry'isezerano rya Data ry'iki gihe. Nimba Yesu aje, Yoba nezank'uko Ijambo rivuga ko Azoba muri iki gihe.

78 Niko Eliya yari ameze mu gihe ciwe. Niko Mose yari ari mu gihe ciwe. Niko Nowayari ameze mu gihe ciwe. Niko buri muvugishwa wese yaje yari ameze. N'Ijambo,igihe ryaza mu kunengesera kwose, Ijambo ryose ryagizwe umuntu hagati muri twebwe,Ryashikije neza ivyo Ryari ryaravuze ko Rizokora, muri kiriya gihe.

Hamwe yoza uno munsi, Azoba ari Yesu Kristo ashitsa isezerano ryiwe, ivyo YariYarasezeranye ko Azakora, neza na neza Ijambo.

Yari Ijambo. Yesaya 9:6, ni Yesu Kristo. Kandi igihe yagirwa umuntu, kandiAkaba hagati yacu, Yabayeho neza na nezank'uko Ryari ryarabivuze. Mose yavuze mu Gitabo co Gusubira mu Vyagezwe, ati «Uhoraho Imana Yawe, Azaguhagurukiriza umuvugishwa ameze nkanje, umuntuatazmwumvira azocibwa mw'ihanga. » Kandi igihe yaza, Yakoze neza ivyo Ijamboryari ryaravuze ko Azokora. Kandi basanze muri We amakosa, kuko imikorere yaboyari yarakuyemwo ivyo maze bituma Ijambo ry'Imana ritagira inkomezi kuri bo.Murabona? Ntibashobora kwizera ikintu nk'ico. Ntibashobora kwizera ikintunk'ico, kuko bibaza ko vyari vyararenganye. Oh!

79 Muvy'ukuri, Yari yerekanye ko Ijambo ryiwe ridahinduka. Yameza Ijambo unomunsi, Yari yararyemeje kiriya gihe. Yagaciriye urubanza n'inguvu nyinshi burimikorere y'idini y'isi, aramutse Aje kw'isi uno munsi. Nivyo Yari Yarakoze, mugutangura. Ni vyo azotunga urutoke. Nivyo Yari yararwanije mu kuza Kwiwe kwa Mbere. Ivyo Yari yarakoze kera, n'ubuAzobikora. Kandi niko Yari yarakoze kera, kuko Adahindura Ijambo ryiwe. Ntashoboraguhindura imikorere Yiwe. Niko ahora, buri gihe ni Ijambo risizwe rya buri gihe.Niko biri.

Kandi, uko tubona ibintu uno munsi, aramutse Aje, integuro ziwe zo kubeshahoisi, bazanka nka kera.

80 Ariko, nimwumve, mukurangiza, nshaka kuvuga ibi. Ntitwemerewe imikorere kanaka,ntitwemerewe gukora idini, idini rikomeye, integuro zikomeye zo mu bwoko kanaka.Ariko twemerewe Ubwami, Ubwami buhoraho. Amen ! Ni co kidusezeranijwe, kugiraUbugingo buhoraho muri ubwo Bwami buhoraho. Kandi ubutware n'ubw'UmwamiAhoraho, Ijambo ryiwe rihoraho ryigishijwe ubwoko bwiwe bufise UbugingoBuhoraho. Kandi abantu bafise Ubugingo Buhoraho barya ivyanditswe, « Umuntu azotungwan'Ijambo ryose riva mu kanwa k'Imana. » Twakira ubwo Bwami, kandi turabona koisi n'ijuru bizovaho, ariko ko Ijambo ritazovaho. » Kandi iri Jambo, ni Ubwami.Iri ni Umwami n'Ubwami, imikorere, Ubugingo, vyose ni vyo hano.

81 Nimba Imana icira urubanza isi yifashishije ishengero, ni irihe izifashisha?Hariho angahe? Amajana n'amajana, n'amajana y'amadini atandukanye. Nimba ariAbakatolika bari mu kuri, ni abahe Bakatolika? Nimba ari Abakatolika b'Abagirikibari mu kuri, ubwo rero Abakatolika b'Abaroma bari mu buyobe. Nimba Abakatolikab'Abaroma bari mu kuri, Abakatorika b'Abagiriki boba bari mu buyobe. Murabona? Nimba ari Abametodiste bari mu kuri, Ababatiste bari mu buyobe. Nimba ariAbabatiste bari mu kuri, Abapentekoti bari mu buyobe. Nimba ari Abapantekotibari mu kuri, Abaperesipiteriyano bari mu buyobe. Murabona? Mwese mwoba muri mubuzimire bukomeye.

82 Ariko Imanantiyadusize ata wushinga intahe, canke ata rufatiro tubwirizwa kwipimirako. Niiri Jambo ! Yavuze, ati, « ijambo ryose ry'umuntu ribe ikinyoma, ariko Iryanjerimenyekane nk'Ukuri.» Ni vyo.

Kuko ijurun'isi bizoshira. Batubwiye hano ko tuzohabwa Ubwami butanyiganyiga. Ego,mushingantahe. Mu gihe ubwami bw'isi buriko bushwanyagurika, kandi isi yoseiriko irashwanyagurika, nyamara twebwe, twabatijwe kugira ngo tube Ubwamibutanyiganyiga. Amen ! Duhabwa Ubwami. Birtyo, mu gihe isi irikoirashwanyagurika, twebwe twinjira muri ubwo Bwami budashobora kunyigangakubw'umubatizo. Amen ! Ni Ijambo rihoraho ry'Imana, kandi turihagazeko. Kandiryo, ntirishobora kunyiganyiga.

83 Turumvabavuga cane ko hari imikorere mishasha bagiye gushiraho, imikorere y'ikidini,ngo izozana amahoro kw'isi, aho Abakatolika n'Abaporoti bazishira hamwe. Bamwemuri bo bizera gukira kwa kimana, abandi ntibavyizera ; bamwe bemera ikintu kanaka,abandi bakemera ikindi ; bamwe bemera ikintu kanaka, abandi ntibacemere. Bibasabakuva mu kutumvikana kwanyu gukomeye, mwabayemwo igihe cose, imyizerere yanyuy'ubutumwa, kugira ngo mwinjire muri iyo Nama Nkuru y'isi. Kandi buri diniryose ribwirizwa kwinjiramwo. Birtyo, nimba idini ryaravumwe, bizomara iki kubaumunywanyi ? Ivyo bibagarura kw'itanguriro. Nimba Roma ari nyina w'amadini,ikaba igikoko n'ikimenyetso c'igikoko, rero, bakoze igishushanyo caco. Inamankuru, amadini, vyose hamwe, bigize igishushanyo ca ca gikoko bagarutse neza ku kimenyetso c'igikoko kandi! Imikorere y'isi n'imikorere y'amadini vyashizeko imikorere iriho ikimenyetsoc'igikoko.

84 Kandi ivyomurabibona co kimwe nanje, ko ubu, hagiye kubaho guhatirwa ku buryoabatarinjiramwo, vyamaze gutegurwa kubw'izo mpamvu, ikimashini kinini camaze gutegurwa; ibikoresho birahari, birindiriye ko Satani abishira mu bikorwa, hamwen'inguvu. Murabona ? Nivyashirwa mu ngiro, nta muntu azoshobora kuvuga ubutumwa,nta muntu n'umwe, nimba atari umunywanyi w'iyo mikorere. Ng'ico ikimenyetsoc'igikoko. Kandi mwibuke, ico gihe, Umugeni azoba yagiye. Murabona ukuntu igihecegereje. Ni vyiza. Murabona aho turi ?

Murashoborakubona uko gushwanyagurika gukomeye, ibiriko biraba ! « Oh ! Mukanguke mwebwe berab'Umwami ! Kuki muryama kandi iherezo riri hafi? » Kuki mukora ivyo? Muzocumurarimwe kandi umunsi w'ubuntu uzoba wabarangiranye. Ntimugakore ivyo. Ego,mushingantahe.

85 Mu vy'ukuri,iyo mikorere ntizozana amahoro kw' isi. Nimba ivyo vyozana amahoro y'isi,

vyagendekeyebite Umwami w'amahoro ari we Jambo ? Ni inyigisho y'uwuhakana Kristo. Ivyobitandukanye neza nivyo Imana ishigikiye, ivyo Yatubwiye iti, « Ng'ibiibitangaza bizokurikira abazoba bizeye » ; Bizera ko ataco bivuze. Ivyakozwen'intumwa 2 : 38, ni ikindi kintu kuri bo, ntaco babiziko. Ijambo ryosen'ibindi, ntaco babiziko, bakanabihakana. Ivyo bishitsa neza ivyo umuvugishwayavuze muri 2 Timoteyo igice ca 3 : « Bazoba ari inkazi, birata, bafise ishushoyo kwubaha Imana, ariko bagahakana ubushobozi bwakwo, mu minsi ya nyuma. »

86 Iyo mikorerey'ikidini ni ikimenyetso ca ca gikoko. Murabizi. Nimba mwarumvise ndabivuga imbere,niyo mpamvu nabivuzeko cane. Muvy'ukuri, ubu, nibaza ko igihe cashize ; vyaobavyiza tubivuze kandi tukavuga ukuri kuri vyo. Iherezo ryageze. Ni ikimenyetsoc'igikoko, ni vyo. Roma yari igikoko, kandi yari n'idini, idini rya mbere.

Kanditwayisohotsemwo, twebwe Abapentekoti, kugira ngo ntidufatanye nawe, nonetwasubiyeyo, « nk'imbwa isubira ku vyo yadashwe, n'inguruba isubira mu vyondo vyayo.» Ntibitangaje ko imikorere yacu ya Gipentekoti igeze kure, iy'Abametodistenayo, n'iy'Ababatiste nayo, n'iy'iya ya Nama nkuru Mpuzamadini nayo, n'ibindi !Bamizwe n'Inama Nkuru Mpuzamadini, bakora igishushanyo ca ca gikoko, kugira ngobamuhe inkomezi. « Cari carakomeretse ku mutwe, hanyuma kibaho », kireka kubaRoma ya gipagani, kiba Roma y'igipapa. Oh ! Mbega, Mbega ukuntu abaporoti ari impumyi.Kandi niho muri ubu nyene, mwicayemwo. Kandi ntaco mwokora ubu. Imikorereyarakozwe. Bazoyishira mu ngiro batabizi. Bazisangamwo, nta kindi. Ntibazoshoboragusohokamwo. Vyamaze gukorwa.

87 Ivyo abantubarabizi. Ivyo vyarigishijwe. Mwibuke, Imana yaravyemeje, Yavyemeje n'Ijamboryayo. Ivyo Yavuze ko azokora Yarabikoze. Birtyo, nta rwitwazo. Ego.

Niibikoresho bibi. Ivyo vyashikije ivyo Yesu yari yaravuze, « Ijambo ry'Imanamwarihinduye ubusa ngo mukomeze imigenzo yanyu. » Mukwanka iryo Jambo ry'Imana,barongera bagasubira mu bintu bimwe, inyigisho zabo, n'ukuntu bari bamezemw'itangiriro, kandi ivyo, birwanya Kristo, bigisha Ijambo ku bizera muri ikigihe, bababwira ngo bahakane ivyo.

88 Igihe Imanayagira Ijambo Ryayo umuntu hagati y'ubwoko bwayo, mu gihe ca Yesu Kristo, kuriNoheri ya mbere, Abafarisayo bakoze iki n'ariya madini yose ? Baravuze bati, «Ntukirirwe uja biriya bikorane. Uramutse ugiyeyo bazoguca kubera ko wabikoze.

Ntimubonaukuntu ibintu biriko birisubiramwo kandi? Uya Mugabo ni nde ? Yize murihe shure? Afise ikarata y'ubunywanyi ki ? Aba mu wuhe mugwi ? Urya Mugabo aturuka he ? Ajeuno munsi nka kiriya gihe. « Ntitwemera ko urya Mugabo adutegeka. Nta muntudukeneye atubwira ico tubwirizwa gukora. Turi Abanyabumwe. Turi Abanyabutatu.Turi Abaperesipiteriyano. Turi aba.Ntidukeneye gukurikiza biriya !

Ndazi komutari bubikore, ariko murakira Ijambo canke mwipfire. Nta kindi. Nta bundi buryo usivye ubwo, ariko ni cokitubeshejeho. Ubwami bw'Imana, si ubwami bw'ibi, si vyo, Ubwami bw'Imana siimikorere y'iyi si. Ni vyo Yesu yavuze. Yesu yavuzeati, « Ubwami bwanje, si ubw'iyi si. Iyo buba bwo, abantu banje barikundwanirira. » Ni Ijambo.

89 Turi nka Aburahamu.Aburahamu yari yakiriye Ijambo. Kandi ibintu vyose bitandukanye n'Ijambo,yabifata nk'ibitabaho. Kandi umwana w'Imana wese, yemera Ijambo ry'Imana, ivyouwundi muntu yovuga vyose, ivyo iyindi mikorere yovuga vyose birwanya iriJambo, Ijambo ni ukuri, uko biri kose.

Imana igusanga ku masezerano Yayo. Hanze y'ayo masezerano, ntishobora guhuranawe, kuko wayikuyeko. Niyo mpamvu isi yacu iriko irashwanyagurika. Mukurangiza, turashobora kuvuga ibi.

Ibitandukanyevyose n'Ijambo, ni nk'aho bitabaho. Imikorere nk'iyo y'abantu, ntituyiraba nagato. Nta na rimwe. Kuba twarabatijwe muri ubwo Bwami, ubu twicaye mw'Ijuru muburyo bwa mpwemu muri Yesu Kristo, oh, bagenzi ! Umwami wacu asizweArikumwe na twe ; turya mu Bwami bwiwe, Ijambo ryasezeranywe risizwe kandiryemejwe muri twebwe. Amen ! Ni vyiza. Isezerano ry'Ubwami bwiwe rishitseimbere yacu neza, nta coshobora kuritwankisha. Nta na gato.

90 Aburahamu, n'ubwoumugore wiwe yari ashaje, kandi nawe yabandanya asaza igihe cose, ivyo ntivyamuteyeikibazo. Ntiyakekeranije, kubwo kutizera, , isezerano ry'Imana. Ico mwovuga cose,« Ntibishoboka. Ntashobora kuvyivanamwo », Yabihagazeko uko biri kose. Kuki ?Umwami yari kumwe na we, amwereka ibizoba, kandi ivyo vyabaye nk'uko yariyabivuze, yari azi ko yari Imana.

Kandi Imanaiyo itanze isezerano, ukabibona, Iraritangaza kandi rigashika hatabuzeko nagato, ni Imana muri kiriya gihe. Oh, kurya kuri ayo masezerano yo mw'Ijuruy'Ijambo ryayo ryasezeranywee muri iki gihe, oh, kumenya, no kwizera ntabandukako hariho ijuru risha n'isi nsha ! Amen ! « Ijuru risha n'isi nsha, kuko ijururya kera n'isi ya kera vyavuyeho. » Ariko muri iryo juru risha no muri iyo si,Paulo yavuze mu cete c'Abaheburayo ati, « Kuko twakira Ubwami butanyiganyizwa.» Twinjiramwo dute ? Ntitwinjiramwo kubw'imikorere y'ikidini ; ariko Ubwamibw'Imana buri muri twebwe. Ubwami ! Umwami n'Ijambo ryiwe ni ikintu kimwe,kandi ivyo biri muri mwebwe, bishingira intahe igihe turimwo ubu. IsezeranoImana yatanze muri iki gihe, turirimwo, turi kumwe n'Umwami, twicaye mw'Ijurumu buryo bwa mpwemu, tumubona

Ashitsa ivyo bintu.

Ni gute twohakanairyo Jambo kugira ngo duhindukirire imikorere kanaka ? Ivyo bikora iki ? Ivyobihakana Ijambo. Mutegerezwa kwakira canke guhakana Ukuri, imbere yo kwemeraubuzimire. Ni vyo koko. Muravyizera ?

91 Muri iki giheturimwo, O Mana, isi iriko irashwanyagurika ! Ibirwanisho ruhonyanganda biri mububiko, ico kintu kimanitse hariya kubwo kubishitsa neza nk'uko vyandistwe.

Ishengeroririteguye. Ryarashizweko ikidodo, ryiteguye kuza. Hazobaho gusukwa gukomeye kwaMpwemu, gufata iryo shengero no kurijana mw'Ijuru. Ego, mushingantahe. Ni vyo.Muvy'ukuri, murabe Ishengero, Ijambo, Umugeni… Kristo, igikorwa ciwe kiri muMugeni wiwe, Umubiri wiwe, Umubiri wo mw'Ijuru, nshaka kuvuga Umubiri wiweudasanzwe hano, ku Mubiri wiwe wa Mpwemu kw' isi, Mpwemu wiwe abaho nezaUbuzima bwiwe aho kugeza aho We n'Ishengero baba ari umwe kubwo kwabirana. Murabona,baba umwe. Arabakira, abantu bakeya mu minsi ya nyuma.

92 Hanyuma, izonkumi zisinziriye, mu gihe, bose barakangutse, murabona. Muvy'ukuri, aho, turiku muteramyi w'indwi, igihe c'ishengero, icanyuma, igihe c'imperuka, Lawodikiya,ku mperuka, aho umugwi muto winjiye. Ariko, ivyo bizana izuka ry'abapfuye bosemu bihe vyabo, babaho bakurikije iryo Jambo ryari ryarategetswe n'Imana, ryariryarigishijwe kandi ryari ryaragezwe muri kiriya gihe, nk'uko twaboneye hamwebirya bihe vy'ishengero kandi tukabona neza Ijambo bazohura naryo wa munsi. Nigute Luteri yahagurukijwe, nk'uko twabibonye, mu gihe ca Luteri,n'ikinyabugingo gifise mu maso hasa n'ah'umuntu caserutse, kikegereza, yariumugorozi, bisobanura umuntu. Muvy'ukuri, ibihe vyose, buri wese yashikije nezaibisabwa n'Ijambo ry'Imana.

93 Kandi ikigihe kizobona neza ibimenyetso n'ibitangaza n'ibindi Imana yasezeranye gukoramuri iyi minsi ya nyuma. Kandi ishengero ubwaryo rizitegura maze rije mw'izamurwa hamwe Yesu ; muvy'ukuri, twakira Ubwami butanyiganyizwa. Ntibushoborakunyiganyizwa. « Ijuru n'isi bizoshira, ariko ubu Bwami ntibuzarangira. » Amen! Nishimiye kuba ndi muri ubwo Bwami, uyu mugoroba. Amen ! Ntunezerejwe no kubamuri muri bwo ? Oh, bagenzi ! Kuba uri mu Bwami, bwonyene ! Muvyibazeko !

Nimwiyumvire,mwokwiha isezerano ki ubwanyu muri iki gihe ? Mu myaka 10 canke mu myaka 15, nimbaisi izoba ikiriho, buri muntu hano, buri mugabo, hano i Shreveport, burimugore, bizoba ngombwa kugendana inkoho kugira ngo mwirindire umutekano. Imburakimazi! Ivyo muzobihagarika mute ? Mugerageze. Neza, intuze yose…

94 Mu ndwiiheze, nari i New York. Twagenze ibilometero, ahantu hose hari inyerereziz'abasore zitoboye amatwi n'imishatsi isutse, n'inkumi zambaye uduhuzu two musin'amasutiye gusa, bita bikini, mw'ibarabara. Abantu bategerezwa kubareka ngobabanze barengane. Oh ! Bite vy'iki gihugu ? Ni ikimenyetso c'abantu batayeumuco, cahakanye Imana. Nta kindi.

Nigutemushobora kubakira ku makara yazimye ? Ivyo mwobikora mute, n'izo nyererezi ziyereramu mabarabara, bakarasira perezida mu modoka yiwe ?

95 Umugorobaumwe, umugabo umwe, mu nzu y'ubutambiro iri kw'ibarabara uja mu ntara, arakayekubera amahugu, yarahagaze imbere y'igipolisi ca Texas yari ari aho, barengaijana, yarabegereye, abantu bose bamuraba, asokorora inkoho yiwe yicamwo umwe,aragenda. Azoburana avuge ko ari umusazi, kandi ace arekurwa.

Aho nyene,mu gisagara cacu, umugabo yinjiye muri garaje, igaraje nto, ahasanga umuntu agurishaimodoka. Ntiyamukunda. Asokorora inkoho yiwe, amurasa amasasu ane canke atanu.Hanyuma avuga ko ari umusazi ; baramuretse aragenda. Nimba baremeye ubusazikugira ngo barekure uwo mugabo, Oswald nawe azogira amahirwe yo kurekurwa niyavugako ari umusazi.

Ni iki ? Murabona aho tugeze, vyose vyarononekaye ! Vyose ni ivyaha, kandi isiyose iriko urubanza, ishengero ririko urubanza imbere y'Imana. Amen !Ntibitangaje ko turiko turashwanyagurika.

Dusenge.

96 Mwami Mana, turaje. Igihe ng'iki. Kumbure igihe kigeze kure uko tutavyibaza.Kumbure kononekara kwaramunze, imungu yaramunze, n'ubuzikira, ku buryo atabuzima bukiriho. Ndagusavye Mana, kugira impuhwe. Duhe Mwami, nimba hariumugore canke umugabo, umusore canke inkumi, mu Bwiza bwawe ubu, batakuzi,bakwakire ubu, Data. Kumbure ni izina rya nyuma ryanditswe mu Gitabo iShreveport.

97 Mu gihe imitwe yacu yunamye, uwo muntu yoba ari hano, ashaka kuduza ikiganzakugira ngo avuge ati, « mwene Data Branham, ndemera ko ivyo wavuze vyose ariukuri. Isi iriko irashwanyagurika, kandi twakiriye Ubwami budashoboragushwanyagurika. Kandi jewe, sinzi neza nimba ndi muri ubwo Bwami cangwa nimbantarimwo. »

Ntiwishimikize kukuba waragize ibishika kanaka. Ntiwishimikize ukuba waravuzemu ndimi. Ndizera ivyo

bintu. Vy'ukuri, ndizera mu kuvuga mu ndimi. Ariko narumviseamadayimoni avuga mu ndimi, akanazisobanura, yandika mu ndimi zitazwi,abapfumu, murabona. Ntiwohagarara kuri ivyo.

Ariko nimba Ubugingo bwa Yesu Kristo buzigaragaza muri wewe, mu kwizera buriJambo ry'Imana. Muvy'ukuri, Ntashobora kwihakana, Ni Ijambo.

Rero, nimba Ari Ijambo, kandi rikaba riri muri wewe, hanyuma ukavuga uti, «Mwene Datata Branhama, reka ngire ico nkubwira ; sinshoborakuvyakira. Sinizera ko ibi bintu ari ivy'iki gihe », kandi ng'uyu uwasezeranijwekuri uyu munsi. Oh, mwene Data, warayovye. Hari impwemu kanaka yakujeko, kandiyaraguhenze.

98 Mupfasoni, nimba wewe, canke umugabo, canke uwo uri we wese, nimba ibi bintubigaragara, bigaragara mw' Ijambo, ivyo Yesu yapfiriye ; atariukugira ngo tugire ishengero canke kugira umugwi w'abantu bafise impwemu,ahubwo kugira abantu bafise Mpwemu wiwe muzima ; Umugeni wiwe, Ijambo ryiwe rirahari, buri Jambo niukuri. Kandi murazi ko ivyo bitagaragara ku bwanyu, murazi ko hari ibintu, muriBibiliya, mudashobora kwizera nk'ukuri, urashaka ko tukwibuka mw'isengesho ?Rero, buri jisho rihumirije n'imitwe yacu yunamye, ndibaza nimba muri iki giheaho…

Kumbure ni igihe aho umuntu atakigira ico yitayeho, murabona ; mu vy'ukuri, hazobaho igihe Mpwemu w'Imana azovakw'isi, nta kintu gihari. Ishengero rizosigara rivuga ubutumwa bwiza, kukoritegerezwa kubwira ubutumwa abaciriweko iteka ry'ibihe vyose, neza nk'uko burigikorwa cabikoze mu gihe. Igice ca nyuma ca buri gikorwa, cabwiye ubutumwaabaciriweko iteka koko. Kandi hazobaho igikorwa muri iki gihe kizobwiraubutumwa abaciriweko iteka inyuma yo kubihakana.

99 Ariko, nimba mu mutima wawe hari inyota ituma ushaka Kristo muri wewe, kandiabandi bose barapfuye, urashobora kuduza ikiganza ukavuga uti, « Munyibuke mw'isengesho mwene Data Branham. » Umwami aguhezagire. Ego, ego, cumi canke cumina batanu. Hoba hariho uwundi imbere yuko dusenga ? Rero, turi hafi yokurangiza, mu minota ibiri canke itatu. Imana iguhezagire mukobwa.

Muvyibazeko rero, muvyibazeko, mbega twoba twaracerewe? Mbega woba uri umuntuwa nyuma uri ku muryango Atazigera adodorako?

Isi iriko irashwanyagurika, turabizi. Ntushobora kuguma hano, ivyo, ni ikintukidakekeranywako. Ntimushobora kuguma hano. Muzogenda. Mubimenye neza, muzogenda.

100 Ntimugashuhe. Ntukavuge ngo, « Ndi umunywanyi w'ishengero. » Ubimenye neza. Nimba Kristo atari muri wewe, kugeza aho…impwemu yawe yose, umutima wawe wose, ubugingo bwawe bwose, umubiri wawe wose.

Mwebwe, mwovuga muti, « Muvy'ukuri, nibaza ko… » Ntukeneye kugira ivyiyumviro,mwene Data. Gira ivyiyumviro vyari muri Kristo ! » Nibaza ko ibi bitategerezwakubaho. Nibaza ko atariko Ijambo ribivuga.» nta vyiyumviro tugira.

Nimba ivyiyumviro vya Kristo biri muri twebwe, tuzomenya ko iri Jambo ariUkuri. Kandi ko Rizoba muri twebwe. Ntaco mwobikorako, ni Kristo !

Fata ubuzima bw'ipasiteki ubushire mu mwungu ; buzokwamapasiteki. Ntushobora kubiyibuza, kuko nibwo buzima buyirimwo.

Kandi nimba uvuze uti, « Mu vy'ukuri, sinizera ivyo, iri Jambo », rero, uwontabwo ari Mpwemu wa Kristo. Murabe, hari iyindi mpwemu muri wewe.

101 Hoba hariho uwundi mbere yuko dusenga ? Imana iguhezagire. Nawe, wewe. Ego, nivyiza. Rero, hariho uwundi ? Rero akanya gato. Imana iguhezagire musore. Nawemupfasoni ukiri muto. Wewe, mushikiwacu. Imana iguhezagire, nawe. Ni vyiza.Hariho uwundi ? Imana iguhezagire, hariya inyuma.

Ntimugire ubwoba. Ntimugire isoni. Ejo nimugoroba, hashobora kuba impitagihe.Murabona ? Kumbure nimugoroba, uwo mutima ushobora guhagarara gutera. Kumbureuno mugoroba ushobora kubihakana ubwa nyuma.

102 Ni bangahehano batararonka Mpwemu Yera ? Muduze ibiganza, murazi neza ko mutaramuronka.Oh,bagenzi! Ni uko mwinjiramwo. Mpwemu Yera, ni Kristo. Uko niko mushirwakoikimenyetso co mu Bwami. Abanyefeso 4 : 30, « Ntimubabaze Mpwemu Yera w'Imana mwashiriwekokuba ikimenyetso, kugeza ku munsi wo gucungurwa. » Kandi nimba mwibaza ko iyi Bibiliyaitari Ukuri, aho impwemu iri muri Kristo ntiri muri wewe, kuko Kristo ariIjambo.

Ng'ubuUbwami butanyiganyizwa, ni Ijambo. Ni Ubwami bukomeye : « Isi n'ijuru bizovahoariko Ijambo Ryanje, ntirizovaho. » Nimba Ijambo riri muri mwebwe ! « Nimwagumamuri jewe, Ijambo ryanje rikaguma muri mwebwe, musabe ico mushaka cose,muzogihabwa. Ibikorwa nkora, muzobikora namwe, muzokora n'ibibiruta, kuko Ngiyekwa Data. Hasigaye igihe gito, ab'isi ntibazombona, ariko mwebwe muzombona,kuko

Nzoba ndi kumwe namwe kandi Ndi muri mwebwe, kugeza ku muhero w'isi.

Murabe ivyariibikorwa vyiwe, murabe nimba ivyo vyarongeye muri ibi bihe vya nyuma. Ivyobarabishibuye ? Mw'isi yose ! Kandi isi yongeye gushwanyagurika kuri iyiNoheli, nk'uko vyari bimeze kuri iriya yindi Noheli hariya.

103 Data watwese wo mw'Ijuru, ibiganza vyinshi vyadugijwe hano, uyu mugoroba, kumburemirongo itatu canke mirongo ine, muri uwu mugwi muto w'abantu, vyadugijwe kuriuyu mugoroba, vyerekana ko bamenye ko bari bari ahantu batategerezwa kuba bari.Bamenye ko Uri muri bo. Abandi, kumbure ikintu kimwe muri Bibiliya, bavugabati, « Jewe, ndavyemera kuko nta yandi mahitamwo. »

Ariko,Mwami, Wasezeranije ko Uzoba uri Ijambo kandi Uri Ijambo. » Turabona koimikorere Yawe idahunduka.

Aho Waza mw'Isezerano rya Kera, Wavuze ko Ijambo riza ku bahanuzi. Barahanura kandi ivyovyarashika kuko yaba ari Imana.

104 None, turaziko igihe Waturungika, Ukadutuma kugira abantu bose abigishwa, Waravuze uti, «Mpwemu Yera niyaza, Azobibutsa ivyo nabigishije. » Ni vyo kandi ! « KandiAzobabwira ibintu bizoza. » Igihe cose ni Imana, « Mu bihe vyinshi, no mu buryobwinshi, Yavuganye na ba sogokuruza mu kanwa k'abavugishwa nayo, ariko mur'iyiminsi y'iherezo Yavuganiye natwe mu kanwa k'Umwana wayo, Yesu Kristo. » MpwemuYera ubwiwe, yaje ari Uwuhishura Ijambo ryanditse, Avuga ibintu vy'ahazoza !Yaravuze ati, « Ijambo ry'Imana rifise ubugi buruta ubw'inkota zose, Risuzumaibiri mu mutima.

Kandiumunyavyaha, wo mu rusengero, uno munsi arashobora kwicara akabona ukora bimwe,akavyita impwemu mbi, nk'uko abandi babikoze mu bihe vyahise. « Nimba bitaUmwigisha Beyezebuli », kandi ivyo turabibona.

Mwami Mana,ni iki twokora ubu ? Hano hari imitima ishonje, yadugije ikiganza. Bakire ubunyene, Mwami ; uzuza buri mutima urukundo. Biduhe.

105 Mu giheimitwe yacu yunamye, mwebwe mwadugije ikiganza, muze hano ku gicaniro,ntimubishire ikindi gihe, murabona. Ubu nyene, muhaguruke, vuba muze hano,muhagarare gusa hano. Uyu mugoroba ushobora kuba ari umugoroba woronkeramwoMpwemu Yera.

Bagenzi, nimwumve,ibi ntibizohoraho igihe cose. Bizoshira. Biriko birashira ubu nyene, kandikumbure vyarangiye. Ariko kuba mugerageza, mushaka kuja kuri Kristo, ni ukohari ikintu kibakwegera kuri urwo ruhande.

106 Ntimushakakuza guhagarara hano iruhande kubw'isengesho? Mwebwe ababishaka, muze hano kugicaniro, akanya gato, mu gihe twunamitse imitwe yacu. Muvy'ukuri, abantubariko baraza. Ni vyiza, muze hano ku gicaniro. Muvuge muti, « Isi irikoirashwanyagurika, sinshaka isi muri jewe. Nshaka muri jewe Ubwami budashoborakunyiganyiga. »

Yesu yavuzeati, « Ntakizotakara, Nzomuzura ku munsi wa nyuma. Ego, Nzomuzura. » Yaratanzeisezerano, rero ntimushobora gushwanyagurika. Imana izobazura. Uko vyogenda kose,Izobazura.

107 Murazi koumuntu ataco yoburizamwo? Nta coburizwamwo. Mwovuga muti, « Bigenda bite iyoumuriro uturiye ikintu? Ntikizimangana. Ibikigize biratandukana gusa, hanyumabikavyyara ubushuhe, ariko ntabwo kizimangana. Ivyo bisubira uko vyari bimezemw' itanguriro : aside, gaze, umuco n'ibindi, uko vyari bimeze. Ntaco washoborakuzimiza. Isi ibayeho igihe kinini, ivyo vyokongera bigasubirana bikabaurupapuro, canke ikindi giti, canke ibindi waturiye. Murabona, nta gishoborakuzimira. Imana ni uko yabiremye.

Oh ! Nimbaudashobora kuzimya ikiremwa c'Imana, ni vyo koko, ni kangahe Ishobora kuzura ivyoYasezeranije!

Ntushaka kuza ? Hari abandi mbega ? Hano hariho umugwi muto, nta n'ubwo ari icakabiri badugije ibiganza. Nari nzi ko mwari mubandanya muduza ikiganza, cane inyumay'ubutumwa nk'ubu.

108 Ni bangahe muri mwebwe hano, n'imitwe yanyu yunamye, bazi ko babonye Imanaishitsa isezerano ryayo hano ku gicaniro kandi ko Yari Izi amabanga y'imitima ?Nta na rimwe Yigeze Ivuga ikintu ngo kibure gushika. Murabizi ko ari vyo. Mubikorane, ahantu hose, neza na neza ivyo Yesu yakoze igihe Yari hano kw'isi.Yongeye kubikora. Murabizi. Murabizi neza. Nariko ndibaza ku gukiza indwaraKwiwe.

109 Hashize indwi zibiri, imbere yuko nja i New York, umugore umwe yaje afise kanseriyo mu muhogo. Mpwemu Yera yaramuvugishije mu gikorane. Yari ari aho kuw'iyinga, yari afise kanseri mu muhogo, yarakoroye arayicira. Abaganga barayisuzumyemaze baravuga bati : «Ubuzima bwasohotse muri kanseri, hanyuma irakoroka.»Yarakoroye arayicira.

Uwundi yari afite kanseri mu giterekoc'abavyeyi. Yari ayifise aho nyene, kw'ifoto yagizwe nini, n'icemezo canditse c'abaganga.Yari amaze iminsi ibiri imusohotsemo.

110 Umwana muto yari ahagaze aho yataye ubwenge, hashize amezi n'amezi. Yariyaraguye avunika izosi. Ntiyari acibuka uwo ari we naho yari ari. Twagizeisengesho rito, murambikako ibiganza, ndavuga nti, "Witwa nde?"

Avugaati, "Billy Dukes."

Mvuga nti « Ufiseimyaka ingahe ? »

Aravuga ati, «Imyaka icenda. » Arabaza ati, «Ndi he?"

Inkomezi z'Imana ! Nifuza ko mwomperekeza mwomperekeza muri Colorado mu ndwi zishize,mukabona ikintu cahabaye, mwari kwumirwa. Turi mu bihe v yanyuma, bagenzi.

Ntimukabishireikindi gihe. Nimuze. Nimba hari uwundi hano, ngwino, ndakwinginze ! Urashakakuza?

111 Rero nimba utaje, sinshobora… Ico nshobora gukora ni ukukubwira Ukuri, murabona; ahasigaye, birakuraba. Ni nka Nowa, yarinjiye, ubwatobwari bwugawe, hamaze umwanya ata kibaye ; arikohanze, isi yari yaciriweko iteka naho isi yari yabandanije kubaho nk'ukobisanzwe. Murabona?

Pilato yarabandanije, amaze kubamba Yesu. Nzovyigishako muri ino minsi :Amaraso ku biganza vyanyu, Umwami niyabishaka.

Murabe,hoba hariho uwundi imbere yuko duheraheza ?

112 Rero, ngiye kubaza abagabo n'abagore biyeguriye Imana, bazi Imana, baze hanobashire ibiganza kuri aba bantu. Ibi birashobora kuba ari ubwa nyuma baronseaya mahirwe. Bamwe muri mwebwe biyeguriye Imana kandi bazi Imana, muze hamwe n'ababantu. Bafise amakarata y'ibara rya roza, hafi ya bose, ivyo vyerekana ko ariabanyamahanga muri mwebwe. Nibaza ko ari vyo. Muze mubarambikeko ibiganza.Bamwe mubo muri Life Taberncle, muze hano. Muri mwebwe hariho bene Data bashakakuza ? Nimuze, isaha ni iyi. Ibi ntimubikunda, ga ncuti zanje ? Oh! Umwete wacuuri he? Oh, bagenzi ! Kiri he ca kintu gituma tuja imbere ? Niiki?

Rero, reka irikoraniro ririndire gato, iri sengesho.

113 Mwebwe muhagaze hano, murabe, ntimwishimikize kuvyo ibishika kanaka, n'ubwo ibibirimwo ibishika. Ntiwemere kubera ko wibaza ko ushobora kuvuga mu ndimi.Ntugire ico uvyibazako. Imana izovyimenyera. Murabona. Usabe Yesu Kristo aze mubugingo bwawe kandi Abe muri wewe. Ntimukeneye ivyiyumviro vyanyu. Mukeneyeivyiyumviro vyiwe, « Mugire muri mwbwe ivyiyumviro vyari muri Kristo. » Oh !

Ibi rero, mugiye kwumva ibi bintu ku ncuro ya nyuma. Rero, mwumve, ndashaka koikoraniro ryose muhaguruka. Mwebwe, bakundwa mwaje hano kubw'umubatizo waMpwemu Yera, ejo, ni Umunsi Mukuruw'Amashimwe ;ejo si umunsi w'akazi. Ibi ni ivy'Ubugingo bwanyu, mwene Data, mushikanje. Ibiniyo maherezo yanyu ahoraho. Ibi ni aha gusa. Kandi mu gihe mwumva ugukwegwa !Kandi mwiyumvire uku Kuri kose, yagaragajwe aho imbere yanyu. Ntugapfe kuberaivyo bintu, ncuti. Biragaragara. Vyarageragejwe, birafadika, biratunganye burigihe. Ni Ijambo rishingiwe intahe.

114 Ndabona umugabo ahagaze hano. Sinibuka izina ryiwe. Nibaza ko ari Blair, ReveraBlair. Igihe nari i Hot Springs, nta gihe gishize, narabonye uyu mugabo mubikorane, yicaye aho, impwemu mbi yashaka kumuzako, ishaka gutuma atanyizera. »Rero, mukurikire ivyabaye. Naravuze nti, « Kumbure umunsi umwe uzonkenera,murabona. Nta ndwi zahise, umugore wiwe aranterefona, avuga ko uyu mugabo arikoaracikana. Murabona?

Kandi uwo mugabo yari yemeye, yari yamenye ko ari satani yashaka kumwumvisha koari ikinyoma canke ikindi kintu nk'ico. « Ariko none, yabimenye ate ? »Twaramusengeye twirukana iyo mpwemu mbi yari muri we.

115 Hanyuma, hashize indwi nke, satani yaramenye ko uyu mugabo azoba aryamye kuberaikivyimba mu rubavu, nibaza ko ari ico umugore wiwe yavuga, canke ikintunk'ico, afise umuriro mwinshi, yaravugishwa ; ntiyari azi ico ari co, ikivyimba mu kwaha, yariyavyimbye mu kwaha. Nuko umugore wiwe aranterefona i Tucson. Mvuze nti, «Mushikanje, urafise umushwaro ? » Nibaza ko yari afise igitambara canke ikintunk'ico. Ndavuga nti, « Gifate ugishire kuri mwene Data Blair, mw'Izina rya YesuKristo. » Kandi ni we yari yamubwiye ngo aze kunterefona.

Iyo satani atuma ahakana, azi neza ko ivyo bizoba, ntabwo aba ari hano naBibiliya yiwe ku mutima. Murabona ?

Ni Satani ashaka gutuma muhakana Ibi. Ntimukamwumvire. Mwibuke, « Yesu Kristo,uko Yari Ari ejo hahise, niko Ari n'uyu musi n'ibihe vyose. » Murabona, ivyobintu niko bimeze.

Rero, twebwe hano twese, mwebwe muri hano ku gicaniro, tuduze ibiganza kandituvuge tuti, « Mwami Yesu, ngwino umfashe ubu », abantu mwese musenge.

116 Data wa twese wo mu ijuru, dukoraniye hano, o Mana, ni ikibazo co gupfa no gukirakuri aba bantu bakoraniye hano. Mpwemu Yera winjire mu bugingo bwabo aka kanya.Inkomezi z'Imana zize, zimwe zabazanyehano ku gicaniro, reka zize kuri bo mw'izuka rya Kristo kandi Abahe UbugingoBuhoraho bashaka ! Mwami, amashengero ariko arapfa ahantu hose, amazi ya mpwemuashobora kuba yarakuwe kw' isi. Mu gihe hari umwanya wo kuza kw'Iriba, biduhe,o Mwami, yaba ubugingo bwabo bwumye, bushonje kandi bunyotewe Imana, bwuzure MpwemuYera ubu. Biduhe, Mwami. Ikigongwe cawe n'imbabazi zawe bibe kuri bo.

117 Rero, mugumize imitwe yanyu yunamye… Mubandanye, mubandanye musenga. Abantubose, mubandanye gusa gusenga. Ndabasengera. Nshobora gukora ibiri mu bushobozibwanje, ariko nsinshobora kubaha Mpwemu Yera. Imana niyo yomubaha. MWiyumvireKristo ari imbere yanyu, mu vyiyumviro vyanyu. Murabe hariya maze murabe, nimbamubona Kristo imbere yanyu, mu gihe muhumirije. Hanyuma mwinjire muri We mazemuvuge muti, « Mwami, Yesu, ndaje. Wewe na nje, tugiye kuba umwe kuva ubu.Nizeye Ijambo ryose wambwiye uyu mugoroba. » Rero, mugume aho, mukomere gusakuri vyo, muramutse mubikomeyeko uyu mugoroba, ejo, umunsi ukurikira,mubikomereko kugeza aho ivyo vyose birangira, musenga, mwizera ko Imana ibuzuzaMpwemu Yera.

Ngwino hano Don ;barongore mw'isengesho. Imana iguhezagire, Don.

MESSAGE hub online
www.messagehub.info

Ubutumwa bwa
William Marrion Branham
"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7